# *Imbuto Y'Umwaryana*

Uno mugoroba nahisemwo nk'igisomwa kigufi, nako aho gusoma hagufi, Umwami Abishatse, kuduha intumbero yavyo, muri Matayo Mweranda 13:24 gushika 30. Hanyuma rero nda-ndashaka gusoma kuva kuri 36 gushika kuri 40, mu mwanya mutoya gusa. Ubu rero Matayo Mweranda, igice ca 13, duhereye ku murongo wa 24 w'igice ca 13 ca Matayo Mweranda. Mwumvirize neza ugusomwa kw'Ijambo. Amajambo yanje yonanirwa, ariko ayiWe ntananirwa.

> *Abacira uwundi mugani, ati: "Ubwami bwo mw'ijuru busa n'umuntu yabivye imbuto nziza mu murima wiwe.*
>
> *Abantu basinziriye, haza umwansi wiwe abiba urwamfu mu buro hagati, arigira.*
>
> *Uburo burakura, bumaze kuyangika, urwamfu ruca ruraboneka.*
>
> *Abashumba ba nyen'urugo baraza baramubaza, bati: 'Mbega databuja, ntiwabivye imbuto nziza mu murima wawe? None urwamfu rwavuye hehe?'*
>
> *Nawe ati:'Ni umuntu w'umwansi yagize atyo.' Ba bashumba baramubaza bati: 'None uragomba ko tugenda . . . kururandura?'*
>
> *Ati: 'Oyaye, kuko kumbure mu kurandura urwamfu mworandurana n'uburo.*
>
> *Mureke bikurane vyose gushitsa mw'igenya.' Maze mu gihe c'igenya nzobwira abagenyi nti: 'Mubanze mutororokanye urwamfu, murutekere imikama, muruturire; ariko uburo mubwimburire mu kigega canje.'"*

2 Mwabonye, "Gutororokanya urwamfu ubwa mbere, no kurutekera imikama"? Rero, igihe nariko ndasoma ibi, hariho ikintu gitangaje canjeko mu gihe nari nicaye hariya hejuru mu misozi ya Catalina ejo bundi ku mugoroba, ndi mu masengesho. Ni ho rero nibaza nti: "Ni he notororokanya ijambo noshobora gukoresha kuri ibi nashaka kuvugako kuri uno mugoroba?"

3 Ni ho namanuka nca ndonka ijambo *umwaryana,* ku bw'ivyo nca mfata kazinduzi ndaba ico *umwaryana* risobanura. na ryo risobanura ko ari "kubiba ugucanamwo," canke—canke, "kuba igihushane," nk'uko Webster ibivuga, "kubiba ugucanamwo, ikintu gitandukanye," canke, "kuba igihushane c'ikintu camaze kubaho." Rero ndibaza ko, igisomwa co kuri uyu mugoroba, nocita: *Imbuto y'Umwaryana*. Kandi turizigiye yuko Umwami Aza guhezagira Ijambo RyiWe ubu mu gihe tuRyegera.

4 Kandi turanazi ko Yasobanuye, ku murongo wa 36 no—no gushika ku 43, ukuntu iyo mbuto yeze. Rero tukiri kuri ico, reka dusome n'ivyo na vyo, umurongo wa 36 rero gushika ku wa 43.

> Maze Yesu *asezera ishengero, yinjira mu nzu: Abigishwa biwe baza aho ari bati: Dusobanurire umugani w'urwamfu rwo mu murima.*
>
> *Na we arabishura ati: "Uwubiba imbuto nziza ni Umwana w'Umuntu.*
>
> *Imirima ni isi. Imbuto nziza ni bo bana b'ubwami. Urwamfu ni abana ba wa Mubi.*
>
> *Umwansi* arubiba *ni Satani; igenya ni umuhero w'isi; abagenyi ni abamarayika.*
>
> *Nk'uko urwamfu rutororokanywa rugaturirwa mu muriro; ni ko bizoba ku muhero w'isi.*
>
> *Umwana w'umuntu azotuma abamarayika biwe, na bo bazotororokanya ibitsitaza vyose n'abakoze ibizira, babikure mu bwami bwiwe.*
>
> *Bazobaterera mw'itanure ry'umuriro, ni ho hazoba amarira no kuryanya insya z'amenyo.*
>
> *Buno abagororotsi bazokwaka nk'izuba mu bwami bwa Se. Uwuri n'amatwi niyumve.*

5 Uwo ni Yesu Ariko Atanga insobanuro y'uwo mugani, We nyene ubwiWe, kubw'ivyo turazi rero ico iyo nsobanuro isigura. None rero mu gihe ubu tugiye kuja kuri ibi, kuri uku kubiba imbuto n'i—n'igenya, rero We Arabisobanuye. Kandi rero nizera ko Yesu Yariko Avuga uyu mugani mu gihe ciWe, ariko Yariko Ashaka kuvuga ko vyobaye kw'iherezo ry'isi, canke, iherezo ry'igihe, kikaba ari *kino* gihe. Kandi ndizera ko kino gisomwa gito kuri uno mugoroba kijanye cane n'igihe tubayemwo, kuko Yesu Yavuze abitomoye neza hano ko "itororokanywa ryobaye ku muhero w'iyi si," yuko ari igihe umuhero wobaye; itororokanywa ry'ingano, n'itororokanywa ry'urwamfu nyene no kuruturira, no kwinjiza ingano muri bwa Bwami. Ndizera ko vyari bimeze uko.

6 Ikindi Canditswe kintera kwizera uko, nanditse hano, ni Matayo 24:24, ahavugwa yuko, havuga ivy'i—imbuto—imbuto y'umwaryana. Yesu Yavuze yuko izo mbuto zibiri zobaye zegeranye cane gushika n'aho vyozimije n'Abatoranijwe iyaba bishoboka. Zishaka kumera co kimwe neza na neza.

7 Ahandi ho mu Vyanditswe aho vyanditswe, yuko imvura igwa ku beza n'ababi.

8 Ndibuka ubwa mbere nshika mu Bapentekoti. Nari i Mishawaka, muri Indiana. Nkaba nari mu gikorane kininiya, inzu y'amakoraniro hafi nk'iyi, aho abo mu Buraruko n'abo mu Bumanuko bari bahuriye hamwe. Kubera iyo iminsi, y'ivangura, vyabasaba gukoranira hariya ruguru. Bari imice ibiri minini

y'abavukanyi b'Abapentekoti. Sinari bwigere ndabumva canke mpura na bo imbere y'aho. Ni bwo bwa mbere nari numvise ivyo kuvuga mu ndimi. Nuko mu mpera y'umurongo, y'igikorane... Jewe ntari umunywanyi muri bo, nari umuvugabutumwa akiri muto w'Umubatista gusa, niyicariye inyuma kure. Kandi ndibuka ubwa mbere numva umuntu avuga mu ndimi, sinari ndanazi n'ivyo—ivyo ari vyo. Hanyuma rero abo bagabo babiri, ahanini, bari bicaye imbere, umwe yaravuga mu ndimi uwundi na we agasobanura ivyo uwo mugabo avuze. Emwe, nca ntangura gusoma Bibiliya yanje bikomeye uko nari nshoboye, ubwo nyene, nca nsanga yuko ivyo vyari bihuye n'Ivyanditswe. Ivyo ni Ivyanditswe neza na neza, ivyo Mpwemu Yera Yokoze.

9 Erega, nka bukeye bw'aho...Iryo joro umutima wanje wararurumvye cane. Naraye mu murima w'ibigori. Sinari mfise amahera akwiye yo kwirihira i—i—igitanda, rero nari mfise gusa amahera akwiranye no kunshikana i muhira, nca nigurira ibitumbura, bimaze iminsi, canke udukate, twari udukate, nk'imfungurwa z'akavunamusase. Naranahawe ikaze gusangira na bo, ariko nta mahera nari mfise yo guterera. Muri iyo minsi, hari muri ca gihe c'ingorane z'ubutunzi, mu 1933, kubw'ivyo vyari—vyari bigoye cane. Ni uko rero ndiyumvira nti: "Emwe, nzo...sinshaka gusangira na bo, ariko nshaka kumenya ico bafise. Barafise ikintu kinaka ntafise."

10 Rero muri ako gatondo nari...barambajije bati: "Abakozi b'Imana bose muze hano imbere muce mwidondora, abo muri bo, aho muva."

11 Emwe, ni—nivugiye gusa nti: "William Branham, umuvugabutumwa, w'i Jeffersonville," nca ndiyicarira. Rero, ico gihe ni je nari umukozi w'Imana akiri muto cane mu bandi bose bari aho imbere. Nuko bukeye barampamagara imbere kuvuga. Hanyuma maze kuvuga, emwe, twagize ibihe vyiza cane, nca rero ntangura kubonana n'abantu batandukanye bantumira mu mashengero yabo. Nuko bamaze ku...

12 Inyuma y'ivyo, erega, nca ndiyumvira nti, "Hamwe gusa noshika aho ba bantu babiri nyamukuru bavuga mu ndimi bakongera bagasobanura bari!" Vyariko birancanira mu mutima wanje, narabigomba cane rwose. Emwe, nk'uko nabibabwiye mu ntango, ingabire ntoya ituma ushitura. Murazi, ingabire n'imihamagaro ntivyicuzwa, ubigira ubuzima bwawe bwose, murabona, urabivukana, nimba ari ingabire z'Imana. Rero namye, kuva nkiri umwana muto, vyamye binshikako, abantu banzi ubuzima bwanje bwose, barazi ko ivyo ari ukuri. Emwe, iyo niyumviriye...Sinari nzi ivyo ari vyo ico gihe, nkavyita iyerekwa, sinari nzi gusa ivyo ari vyo. Ariko niyumviriye nti: "Hamwe gusa novugana na bo!" Emwe, kandi impwemu yari muri iyo nyubakwa yasa n'uko vy'ukuri ari Mpwemu w'Imana.

13 Kubw'ivyo na—narashoboye kuganira n'umwe muri bo,

ndamubaza ibibazo bikeya, yari Umukristo nyawe vy'ukuri. Nta gukekeranya kwarimwo, uyo mugabo yari uwizera nyakuri. Wa muntu wundi na we, igihe navugana na we, nimba narigeze guhura n'indyadya, yari imwe muri zo. Mu vy'ukuri uwo mugabo yari . . . Umugore wiwe yari afise imishatsi isa n'umujumbu, kandi yari afise abana ku . . . abana babiri ku mugore afise imishatsi yirabura. Nca ndiyumvira nti: "None, ibi ni ibiki? Ng'aho rero, nda—ndazazaniwe. Jewe ndi umunyavyanditswe; bitegerezwa kuba Ijambo, atari uko naho si vyo. Ehe raba uwo Mpwemu, umwe muri bo, ku vyo nzi jewe, yumvikana nk'aho ari nyawe; ariko uwo wundi ntiyari mwiza na gato; kandi Mpwemu Akabamanukako bompi. None, ivyo bishoboka bite?" No, vyaransiga.

14 Imyaka ibiri iheze, nariko nsengera mw'isenga aho nahora nja gusengera. Muri iryo senga hari umukungugu, maze umuhingamo umwe ndasohoka, ndambika Bibiliya yanje ku ngiga y'igiti, hanyuma umuyaga uca urayizingurura mu Baheburayo, igice ca 6. Havuga, ko mu minsi y'iherezo, ukuntu vyobaye turamutse tuguye tukava ku Kuri no kongera kuhindurwa bashasha ngo twihane, ko ata kimazi c'ivyaha kiba kikihari, n'ukuntu ya mahwa n'ibitovu, vyari vyegereje gutabwa, iherezo ryavyo ari uguturirwa; ariko ko imvura iza kw'isi, kenshi, kuyivomera, kuyitegura; ariko ko amahwa n'ibitovu vyotawe, ariko ingano zikegeranywa. Nca ndiyumvira nti: "Rero, uyu ni umuyaga vyashitse gusa urahazingurura." Rero, naciye ndambika nya Bibiliya hasi. Nca ndiyumvira nti: "Emwe, ubu ngira gusa . . ." Ng'uwo wa muyaga uraje uca uraYizingurura. Ivyo vyabaye incuro zitatu. Nca ndiyumvira nti: "Emwe, ibi biratangaje."

15 Hanyuma rero igihe nariko ndahaguruka, naciye niyumvira nti: "Mwami, ni kubera iki Wonzingururira iyi Bibiliya ngo nsome ivyo, jewe . . . igihe nashikira ivyo, aho 'amahwa n'ibitovu, biri hafi gutabwa, iherezo ryavyo ari uguturirwa'?" Niyumviriye nti: "Kuki, Wonyugururira ivyo ngaho?" Hanyuma igihe nariko nditegereza hakurya . . .

16 Rero, uku kwerekwa nyakuri kuza utabanje gushiramwo inguvu. Ni Imana gusa. Murabona? Nararavye nca mbona isi iriko irazunguruka imbere yanje, kandi mbona ko yari irimye yose. Hariho umuntu yambaye ivyera, yagenda abiba uburo. Hanyuma amaze kugenda arengera mu muzunguruko w'isi; haca haza umuntu, asa n'ubuyobe, yari yambaye ivyirabura, ariko amijagira imbuto z'urwamfu ahantu hose. Zompi zimerera hamwe. Zimaze kumera, zompi zari zinyotewe, kuko hari hakenewe imvura. Rumwe rwose rwasa n'uko ruriko rurasenga, rwunamitse agatwe karwo gato, ruvuga ruti: "Mwami, rungika imvura, rungika imvura." Maze ibicu binini bica biraza, imvura ica iragwa kuri zo zompi. Imaze kugwa, rwa rugano ruto rurasimba rutangura kuvuga ruti: "Umwami Ashimwe!

Umwami Ashimwe!" Na rwa rwamfu ruto rurasimba kuri rwa ruhande nyene, ruravuga ruti: "Umwami nashimwe! Umwami nashimwe!"

17 Ni ho rero iryo yerekwa ryasobanurwa: Imvura igwa ku babi n'abeza. Umwe Mpwemu nyene Arashobora kumanuka mu gikorane, kandi umwe wese akabinezerezererwa: indyarya, Abakristo, bose hamwe. Ni vyo neza na neza. Ariko ni iki? Muzobamenyera ku vyo bama. Murabona? Ubwo ni bwo buryo bwonyene bishobora kumenyekanirako.

18 Rero murabona ko ubu, kuko sayiri yo mw'ishamba, canke urugano rwo mw'ishamba n'urutete rimwe na rimwe rwigana urutete nyakuri, urutete rw'ururimano, bigasa cane ku buryo vyozimije n'Abatoranijwe. Ndibaza ko tubaye mu gihe gikwiye, aho ibi bintu bitegerezwa kwigishwako no kuvugwako.

19 Itegereze ku murongo wa 41, izo nyene zibiri zirasa cane, zirasa cane mu minsi y'iherezo ku buryo Atakoze... NtiYokwishimikije ishengero rinaka mu kuzitandukanya, tuvuge nk'Abametodiste canke Ababatista, canke Abapentekoti, mu kuzitandukanya. Yavuze yuko "Azotuma abamarayika biWe kuzitandukanya." Umumarayika aza kugira ngo azane ugutandukana, ukuvangura hagati y'iciza n'ikibi. Kandi nta n'umwe ashoboye kubikora kiretse Umumarayika w'Uhoraho. Ni We Azovuga ic'ukuri n'ic'ikinyoma. Imana Yavuze ko Izorungika abamarayika baYo mu gihe ca nyuma. Si abamarayika biciye *hano*, ariko abamarayika mu gihe ca nyuma, kandi bazotororokaniriza hamwe. Turazi rero ko ico ari ca gihe c'iyimbura kiriko kiraza. Rero, *umumarayika* mu vy'ukuri bisobanura "intumwa." Tukaba tubona yuko hariho abamarayika ndwi ba ya mashengero ndwi, ubu rero...Oya, muri vya bihe vy'ishengero.

20 Nimwihweze abo Yavuze ko ari ababivyi, n'imbuto izo ari zo. Umwe, umubivyi yari We, Umwana w'Imana, Yagiye arabiba Imbuto. Hanyuma umwansi aca aza inyuma yiWe, uwo na we akaba yari wa murwanizi, abiba imbuto y'umwaryana, inyuma y'ibibwa ry'Imbuto nziza. Rero, bagenzi ivyo vyamye bishika mu bihe vyose kuva isi ibaho. Koko. Igihe cose kuva mu ntango, hatanguye ico kintu nyene.

21 Rero Yavuze ati: "Imbuto y'Imana Ijambo ry'Imana." Yesu Yaravuze, ahantu hamwe, ko "Ijambo ari Urubuto." Kandi urubuto rwose ruzokwama nk'uko ubwoko bwarwo buri. None ubu nimba Abakristo, abana b'Imana, abana b'Ubwami bacitse Uruvyaro rw'Imana, aho rero bategerezwa kuba Ijambo ry'Imana, Ijambo ry'Imana ryagaragajwe muri iki gihe tubayemwo, ku Ruvyaro rw'isezerano ry'ico gihe. Imana Yatanze Ijambo ryaYo mu ntango, kandi igihe cose cagize Uruvyaro rwaco, igihe caco, amasezerano yaco.

22 Rero, igihe Nowa yaza mu gikorwa, kandi yari Uruvyaro rw'Imana, Ijambo ry'Imana ry'ico gihe.

23 Igihe Mose yaza, ntiyashobora kuza azanye ubutumwa bwa Nowa, ntivyari gukunda, kuko yari Uruvyaro rw'Imana muri ico gihe.

24 Rero igihe Kristo Yaza, Ntiyashobora kuzanana igihe ca Nowa canke ica Mose; cari igihe ciWe, c'aho inkumi isama inda ikavyara Umwana w'Umuhungu, Akazoba ari we Mesiya.

25 Rero, twarabayeho mu gihe ca Luther, igihe ca Wesley (igihe c'Abametodiste), mu bihe vyose, no mu gihe ca Pentekoti, kandi igihe cose gihabwa isezerano ry'Ijambo. Kandi abantu b'ico gihe, abagaragaza iryo Jambo ryasezeranywe, ni Uruvyaro rw'ico gihe, twisunze ivyo Yesu Yavuze aha nyene ngo: "Ni abana b'Ubwami." Ni vyo. Ukwigaragaza kwa Mpwemu Yera Akora Aciye mu bana ari bo Ruvyaro rw'Ubwami muri ico gihe.

26 Nimurabe, urwamfu ni rwo, wa mwansi, Satani, umwe yabiba ugucanamwo, canke i—imbuto y'umwaryana, ni we yagirwa no kuba yarakoze ico kintu c'ubuyobe. Satani yabivye imbuto yiwe kuva mu ntango, aho Imana Yashira ivyimburwa vyaYo vya mbere vy'ibiremwa muntu kw'isi. Adamu, ata nkeka, yari amaze kumenya ko hariho u—ubumenyi bw'ukuri, bwo kumenya iciza n'ikibi, ariko ntiyari bwigere abushikako.

27 Ariko tubona yuko, Imana Yahaye abana baYo Ijambo ryaYo ngo ribabere Inkinzo. Intuze yabo. . .Nta yindi Nkizo dufise atari Ijambo ry'Imana. Ni ryo Nkinzo yacu. Nta mabombe, nta bwihisho, nta ho kwinyegeza, nta hariho muri Arizona canke muri California, canke aho ari ho hose; hariho Inkinzo imwe gusa dufise, na yo ni Ijambo. Kandi Jambo yigize umuntu abana natwe, akaba ari Kristo Yesu. Ni We Nkinzo yacu yonyene. Turi muri We, tuba turi impore.

28 Uwizera nyakuri nta n'icaha aharurwako. Ivyo mwari mubizi? Uwavyawe n'Imana, nta caha akora, ntashobora gucumura. Murabona? Ntikinamuharurwako. Erega, Dawidi yavuze ati: "Harahiriwe umuntu Imana Itazoharurako icaha." Iyo uri muri Kristo, ntacifuzo co gukora icaha ugira. "Uwusenga, amaze guhumanurwa, ntaba akigira umutima urimwo ijwi rimwagiriza ivyaha," ntavyo uba ucipfuza. Rero, ku b'isi, urashobora kuba uri umunyavyaha; ariko, ku Mana nturi we, kuko uri muri Kristo. Ni gute woba umunyavyaha mu gihe uri muri Umwe Atagira icaha, kandi Imana Ikaba Ibona gusa wa Wundi urimwo?

29 Rero iki ni igihe c'iyimbura. Mu ntango, igihe Imana Yabiba Urubuto rwaYo kw'isi Ikarutanga mu mitima y'abana baYo, umuryango waYo, ngo bazigame iryo Jambo, ni yo yari inkinzo yabo yonyene, kuzigama iryo Jambo! Ehe ng'uwo wa mwansi araje aca akuraho ako karimbi mu kubiba imbuto y'umwaryana, inyuranye n'Ijambo ry'Imana. Nimba uwo wari umwaryana

mu ntango, ni ko bikiri. Ikintu cose kizokongera ikintu na kimwe kw'Ijambo ry'Imana, kiguma ari imbuto y'umwaryana! Sinitayeho iyo kiza kiva, caba kizananye mw'idini, caba kivuye mu gisoda, caba kivuye mu bubasha bwa politike, ico cose kinyuranye n'Ijambo ry'Imana, ni imbuto y'umwaryana.

30 Umuntu iyo ahagurutse akavuga ko avuga Ubutumwa Bwiza, hanyuma akavuga ko "iminsi y'ibitangaza yarenganye," iyo aba ari imbuto y'umwaryana. Iyo umuntu ahagurutse akavuga ko ari umukozi w'Imana, umwungere w'ishengero ry'ahantu hanaka, akaba atizera ko Yesu Kristo ari Wa Wundi nyene muri buri gace (ukuyemwo wa mubiri uboneka), Wa wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe bidashira, iyo aba ari imbuto y'umwaryana. Iyo avuze ko "ibitangaza be n'igihe c'intumwa vyarenganye," iyo iba ari imbuto y'umwaryana. Iyo bavuze ngo: "Nta kintu nko gukizwa indwara n'Imana kiriho" iyo ni imbuto y'umwaryana. Kandi isi ni zo yuzuye. Ziragundana zigaca zinyoha ingano.

31 Turabona ko umubivyi wa mbere w'iyo mbuto y'umwaryana yiswe "wa murwanizi," kandi turazi ko hari mw'Itanguriro 1. Rero turabona, no ng'aha mu—mu Gitabu ca Matayo, igice ca 13, ko Yesu Aguma Avuga ko umwaryana wose kw'Ijamwo ryiWe ari "wa murwanizi." No muri uyu mwaka wa 1956, ikintu cose kibiba umwaryana, ikinyuranye n'Ijambo ryanditswe ry'Imana, canke kikaRiha insobanuro yaco bwite, ni ya mbuto y'umwaryana. Imana Ntizocubahiriza. Ntishobora. Ntibizovangana. Vy'ukuri ntibizovangana. Ni nk'agatete ka sinapi; ntikavangana n'ikindi kintu na kimwe, ntushobora kukavanga, gategerezwa kuba ikintu nyakuri. Imbuto y'umwaryana!

32 Rero turabona, igihe imana yabiba Imbuto yaYo mw'itongo rya Edeni, turabona yuko yavuyemwo Abeli. Ariko igihe Satani yabiba imbuto yiwe y'umwaryana, yavuyemwo Kayini. Imwe yavuyemwo umugororotsi; iyindi yavuyemwo umunyavyaha. Kubera ko Eva yumvirije ijambo ry'umwaryana, rinyuranye n'Ijambo ry'Imana, bigaca bitanguza umupira w'icaha utembagara kuva ubwo, wagumye utembagara kuva ico gihe. Kandi ntituzigera tuwusohora ngo tuwiyambure burundu gushitsa abamarayika baje bakavangura ico kintu, maze Imana Igatwara abana baYo muri bwa Bwami, urwamfu na rwo rugaturirwa. Ni mwihweze iyo mizabibu ibiri.

33 Ese iyo tuza kuba dufise umwanya uhagije kuri kino cigwa, ariko reka duce ku masonga gusa, gutyo dushobore guca tuja mu gusengera abarwaye mu minota mikeya ikurikira.

34 Nimurabe, imbuto zabo zakuriye hamwe nk'uko neza na neza Imana Yabivuze no ng'aha mu gice ca 13, c'igisomwa cacu kuri uno mugoroba, ca Matayo, "Nimureke bikurane." Rero, Kayini yaciye aja mi gihugu c'i Nodi, yironkera

umugore, aramwabira; Abeli na we yari yishwe, maze Imana Ihagurutsa Seti mu gishingo ciwe. Maze urunganwe rutangura guhererekana, hagati y'ikibi n'iciza. Rero, turabona ko bagiye hamwe, umwe wese muri bo, igihe gikurikira ikindi, kandi Imana Yategerezwa ku. . . Rwarageze aho rumogorera mu kibi cane gushika n'aho Imana Yategerejwe kururandura.

35 Ariko zahavuye ziza kugera n'aho izo mbuto zompi, imbuto y'umwaryana n'Imbuto y'Imana, zaseruye imitwe yazo nyakuri, bikaba vyanengeserereye neza muri Yuda Isikariyota no muri Yesu Kristo. Kuko, Yari Urubuto rw'Imana, Yari We ntango y'ivyaremwe n'Imana, nta kindi Yari atari Imana. Yuda Isikariyota na we yari yavutse ari wa mwana wo kuranduka, yazananye i kuzimu, asubira i kuzimu. Yesu Kristo yari wa Mwana w'Imana, Ijambo ry'Imana ryagaragajwe. Yuda Isikariyota, mu mwaryana wiwe, yari urubuto rw'umurwanizi, yaje mw'isi, ku bw'uruhendo; nk'uko nyene yamye ari mu ntango, Kayini, se wiwe wa mbere.

36 Yuda yigana ishengero gusa. Ntiyari imvugakuri na mba. Mu vy'ukuri nta kwizera yari afise; ntiyari kwigera ahemukira Yesu. Ariko, murabona, yabivye iyo mbuto y'umwaryana. Yiyumvira ko yari gushobora gucudika n'isi, itunga, ngo yongere agire ubucuti na Yesu, ariko igihe cari camurenganye cane co kugira ico abikorako. Igihe ya saha ya nyuma yashika, aho akoreye ico kintu kibi, yajabutse umurongo utandukanya kuja imbere no gusubira inyuma. Yategerezwa kubandanya inzira yari yajanye, nk'umubeshi. Yabivye imbuto y'umwaryana, yagerageje kubonwa neza n'ayo madini ahambaye y'ico gihe, n'Abafarisayo be n'Abasadukayo. Kandi yiyumvira ko yari kwironkera urufaranga, akaba rurangiranwa mu bantu. Nimba ivyo bidatuma abantu benshi binjira muri uwo mwaryana, bagerageza kubonwa neza n'abantu! Reka tubonwe neza n'Imana, atari abantu. Ariko ico ni co Yuda yakoze aho uwo mwaryana wiseruriye muri we.

37 Kandi turazi yuko Yesu Yari Ijambo, Yohana Mweranda 1 havuga ngo: "Mu ntango Jambo Yariho, kandi Jambo Yahoranye n'Imana, kandi uwo Jambo Yari Imana. Kandi uwo Jambo Yihaye umubiri Abana natwe." Rero, Ijambo ni Urubuto, maze urwo Rubuto Rwacitse umubiri Rubana natwe.

38 Nimba Yuda yari urubuto rwa wa mwansi n'umwaryana, na rwo nyene rwaracitse umubiri ruba hagati yacu muri uwo muntu yitwa Yuda Isikariyota. Ntiyigeze agira ukwizera nyakwo, kw'ukuri. Yari afise ico *yiyumvira* ko ari ukwizera. Hariho ikintu nk'ico co kugira ukwizera; ni ukwizera kw'uwigira uwizera.

39 Kandi ukwizera nyakuri kw'Imana kwizera Imana, Imana na Yo ni Ijambo, ntikwigera kwongerako na kimwe kuri Ryo. Bibiliya Itubwira ko nitwongerako ijambo rimwe, canke tugakurako Ijambo rimwe, umugabane wacu uzokurwa muri ca

Gitabu c'Ubugingo, Ivyahishuriwe Yohana 22:18, igice ca nyuma gihereza.

40 Mw'itanguriro rya mbere, Igitabu ca mbere ca Bibiliya, Imana Yababwiye kutarenga Ijambo na rimwe ryaCo, " Ijambo ryose ritegerezwa kwitonderwa," bategerezwa kubeshwaho n'iryo Jambo. Yesu, hagati mu Gitabu, Araza Akabivuga mu gihe ciWe, Akavuga Ati: "Umuntu ntatungwa n'umutsima gusa, ariko atungwa n'Ijambo ryose ri—riva mu kanwa k'Imana." Kandi mu gihe gihereza c'Ivyahishuriwe Yohana, twarabwiwe imbere y'igihe, yuko "Uwuzokurako n'Ijambo na rimwe kuri ico Gitabu, canke akongerako n'ijambo na rimwe kuri Co, umugabane wiwe uzokurwa muri ca Gitabu c'Ubugingo."

41 Kubw'ivyo nta rwijiji rushobora kuhaba, ni Ijambo gusa ry'Imana nyakuri, ritagoretswe! Abo ni abahungu b'Imana, abakobwa b'Imana, batavyawe kubw'ubugombe bw'umuntu, canke kubwo gukorana mu minwe, canke uburyo kanaka bw'umubatizo; ariko bavukiye muri Mpwemu w'Imana, kubwa Mpwemu Yera, n'Ijambo Ryigaragaza biciye muri bo. Urwo ni rwo Rubuto nyakuri rw'Imana!

42 Wa mwansi yiyunga n'ishengero agacika umwizigirwa cane muri za nemera canke ikindi. Ariko ico si . . . Ico ni umwaryana, ikintu cose citambika mu nzira y'uko Kuri nyako kw'Ijambo ry'Imana.

43 None tubimenya dute? Tuvuga ngo: "Emwe, bo, mbega murafise uburenganzira bwo kuRisobanura?" Oya, mushingantahe! Nta n'umwe afise uburenganzira bwo gusobanura Ijambo ry'Imana. Ni Yo musobanuzi waYo ubwaYo. Irabisezerana, hanyuma Ikabikora, iyo ni yo nsobanuro yavyo. Iyo Irisezeranye, IraRishitsa, iyo ni yo iba ari insobanuro yaRyo. Ikintu cose kinyuranye n'Ijambo ry'Imana ni umwaryana! Nta nkeka!

44 Rero, nk'uko nabivuze, Yuda nta kwizera nyakuri yari afise. Yari afise ukwizera kw'uwigira uwizera. Yari afise u—ukwizera kwatuma yiyumvira ko uwo yari Umwana w'Imana, ariko ntiyari azi yuko Yari Umwana w'Imana. Ntiyari kuba yarabikoze. Umuntu nawe azozana impari kuri rino Jambo ry'Imana ko ari Ukuri, aba afise ukwizera ko kwigira uwizera. Umukozi nyakuri w'Imana azokwumira kuri rino Jambo.

45 Wa mugoroba, umukozi w'Imana umwe wo muri Arizona, wo mw'ishure rihambaye, rizwi cane hano mu gisagara, yaraje aho ndi avuga ati: "Nsha—nshaka kugukosora ku kintu kimwe" (Mvuga . . .) "niwaronka akaryo."

Nca mvuga nti: "Aka ni ko karyo keza cane nzi. Ngwino hano."

46 Hanyuma rero aca araza, avuga ati: "Mushingantahe Branham, uriko ugerageza," ati "ndizera ko uri umwizigirwa kandi uri imvugakuri, ariko uriko ugerageza kwinjiza mw'isi

Inyigisho z'intumwa." Avuga ati: "Igihe c'intumwa cahagarariye ku ntumwa."

47 Nca mvuga nti: "Ikintu ca mbere nashaka kukubaza, mwene Data, urizera ko Ijambo ryose ry'Imana ryahumetswe?"

Na we ati: "Ego me, mushingantahe, ndavyizera ata nkeka."

48 Nca ndamubaza nti: "None, wonyereka mw'Ijambo aho igihe c'Intumwa cahagarariye? Ubu, nunyereke aho biri, nca nizera nkawe." Nca mvuga nti: "Wa mwanditsi w'ivy'intumwa, umwe yari afise impfunguruzo z'Ubwami, kuri wa munsi wa Pentekote aho igihe c'intumwa catanguzwa, bavuze bati: 'Bagabo bene Data, mbega tugire dute ngo dukizwe?' Arababwira ati: 'Nimwihane, umuntu wese muri mwebwe abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo, mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire ari yo Mpwemu Yera, kuko isezerano ari iryanyu kandi ari iryo abana banyu, n'abari kure bose, abazohamagarwa bose n'Umwami Imana Yacu.' None, Ijambo ryokwivuguruza rite?"

Nya muntu aca avuga ati: "Ndafise ibicurane bikaze uyu mugoroba."

Nanje nti :"Na je ni ko ndavyiyumvira." Murabona?

49 Rero mumbarire, mbega Imana Iracahamagara? Nimba Imana Igihamagara, rero igihe c'intumwa kiracariho. Ata nkeka! Abazohamagarwa bose n'Umwami Imana yacu, Yigeze guhamagara, Azokwigera Ahamagara, abo Azohamagara bose, kizoguma ari igihe c'Intumwa, kuko Yesu Kristo uko Yari ari ejo, n'uno munsi ni ko Ari, ni ko Azokwama ibihe bidashira.

50 Rero, uyu munsi turabona yuko uwo mwaryana wabibwe muri buri gihe. Iyaba vyashoboka kubikora mu minota cumi canke cumi n'itanu ikurikira, nari kubikora, ariko ntibishoboka. Kera muri ivyo bihe vyaheze...Twese turi, benshi muri twebwe twese turasoma Bibiliya. Rero ubu nka ca gihe Yesu Yaza, Yasanzeho uwo mwaryana, igihushane. Yari Ijambo ryagaragajwe, Yari insobanuro y'Ijambo y'Imana, kuko Yavuze Ati: "Murasesa mu Vyanditswe, kuko mugira ngo muri Vyo ni ho mufise Ubugingo Budashira, kandi ari vyo biNshingira intahe." Ng'aho rero. We—We ni We Yari insobanuro y'Ijambo. Kandi umuhungu w'Imana wese n'umukobwa w'Imana wese yavutse ubwa kabiri wa kino gihe ni insobanuro y'Ijambo. Muri ivyete vyanditswe, bisomwa n'abantu bose. Egome.

51 Nimwihweze, Yavuze Ati: "BaNsengera ubusa, kuko Inyigisho bigisha ari umwaryana. BaNsengera ubusa, kuko Inyigisho bigisha ari Umwaryana, inyigisho z'abantu, za nemera z'abantu, bakigisha ivyo ko ari Ijambo ry'Imana, mu gihe ataho bisa bisana n'Ijambo ry'Imana."

52 Nimurabe, igihe cose cavuyemwo imbuto nk'iyo, ibihe vyose vyarabikoze, n'icacu nta cireguzo. Dufise nka ca kintu nyene,

kandi ni co gihe gihambaye cavyo kurusha ibindi bihe vyose bishizwe hamwe, kuko kino ari igihe c'iherezo ry'ivy'isi. Uwu ni wo mwaryana uhambaye cane wigeze kubaho kw'isi, uri kw'isi uyu munsi. Umwaryana wo mu bindi bihe wabakuye ku Mana Nzima y'ukuri, ubajana ku bigirwamana. Uyu munsi, Yesu Yavuze muri Matayo 24:24 yuko vyobaye vyegeranye cane, gushika n'aho vyozimije n'abatoranijwe ubwabo iyaba vyashoboka. Muvuga umwaryana! Oo, ni ivy'uruyeri cane. Satani ari hagati mu bantu, neza nk'umunyateworojiya, nk'Umwigisha w'ivy'Ubumana, arashobora kwigisha iryo Jambo hafi mu buryo butunganye. Ni ko Yesu Yavuze. Ariko nimumwitegereze, hazobaho ahantu hanaka. Bavuga ngo: "Erega, none, ivyo ntivyari ivy'iki." Oo, egome, ni ivy'iki nyene, na co, murabona, kuko Imana Yavuze ko ari ko vyari.

53 Rabe ico vyakoze. Uwo mwaryana nyene ni wo wazanye uburake bw'Imana mu minsi ya Nowa, igihe Imana Yarungika umuvugishwa waYo akavuga ubutumwa nk'umuriro utongora, agahamagarira abantu kwihana, umwaryana na wo ugasomeshwa nturi. Mbega none Satani yaciye akora iki? Yaciye azanana inyuma, muri Hamu, maze yongera gutangura kuwubiba ubugira kandi. Ukwo ni ukuri kweruye.

54 Hanyuma haza Mose, wa muvugishwa ahambaye, ngo adugane abana ba Isirayeli abakuye mu bugaragwa. Ni igiki cabaye? Mose, uwo muvugishwa n'Imana ahambaye, abazanira Ukuri ntabanduka, Ukuri kwagaragajwe. Yari yahuye n'Imana. Imana Yaremeje ko yari yarahuye na Yo. N'ingene abo bantu hariya, abo baherezi bari bafise amadini yabo, imihango yabo, imigirwa yabo n'ibindi vyose, ariko Mose yarahagaze nk'icemezo c'insobanuro y'Ijambo. Ivyo ntimuvyibagire! Mose yari insobanuro y'Imana y'isezerano ryaYo. Yavuze ko yobikoze; yari insobanuro y'Imana.

55 Habaye iki? Ishengero ryabaye rikiva muri Egiputa, rihagarara iminsi mikeyi, haca haba iki? Satani yaciye aza n'umwaryana wiwe mu muntu, Kayini wa kabiri, ari we Balamu, aca ababibamwo umwaryana. Turazi ko ivyo ari ukuri. Uwo Balamu, inyigisho ya Balamu, ngo "turi bamwe, dukorera ya Mana nyene namwe mukorera," mu vy'ishimikiro, yari mu kuri, kuko yatanze ikimazi Imana Yatanze; impfizi z'intama ndwi, ibimasa ndwi ku bicaniro, aca asenga ya Mana nyene neza na neza mu buryo butunganye nk'uko Mose na we yabikora hariya mu bugaragwa, co kimwe neza na neza. Ariko ntibari bamwe! Bitwereka igitutu c'ivyari kuzoshika. Harabayeho, kandi, Kayini yigaragarije muri. . .uwo muntu Balamu. Hariho n'Imana Yigaragarije mu muntu Mose, Isobanura Amajambo yaYo biciye mu kiremwa-muntu, Yimenyekanisha ubwayo, isezerano ryaYo, biciye mu kiremwa-muntu. Hanyuma umwaryana uca uraduka.

56 Ni ko yakoze mu gihe ca Yuda, aho yaraje n'umwaryana wiwe.

57 Kandi nimwibuke, ico caha co kuba abo bantu barizeye, ngo "twese turi bamwe, dusenga Imana imwe, twategerezwa kuba ab'ishengero rimwe, twategerezwa kuba ihanga rimwe," ico caha Isirayeli ntiyigeze igiharirwa! Yesu ubwiWe, Yavuze Ati: "Bose barapfuye!"

58 Barahonye, bose kiretse batatu muri bo. Ni bo ba bandi bagumyeko bakizera isezerano. Igihe ba banyabwoba bavuga bati: "Ntidushobora kwegukira ico gihugu, biraturengeye twebwe," n'ibindi, Kalebu na Yosuwa bamira abantu, bavuga bati: "Turashoboye birenze kucegukira, kuko Imana Yakidusezeraniye! Sinezwe uko abaturwanya bari!"

59 Kandi turacashobora kwigisha ugukira indwara kuvuye ku Mana, n'umubatizo wa Mpwemu Yera, tuguma dufise kandi ubushobozi bw'Imana bwo kudutandukanya n'ivy'isi. Ni ko Imana Yavuze! Igihe c'Intumwa nticigeze gihera, kandi ntikizohera, kirabandanya.

60 Kubw'ivyo, turabona wa mubivyi nyene wa kera w'umwaryana. Kandi nimwibuke, ico caha nticigeze giharirwa. Rero, mwene data, nimba kitigeze giharirwa ico gihe, ni gute uyu munsi aho rwa—rwa ruvyaro nyakuri rw'ibihe vyose ruriko rurakoranira hamwe?

61 Nimwihweze ico kintu gihambaye Balamu yakoze, carabandanije kirabandanya, kirateba gihereza mu kuza kwa—kwa Yuda Isikariyota, na Yesu. Vyari ibiki? Yuda na Yesu bari neza na neza ishusho ya Kayini na Abeli. Kuko, nk'uko Yuda yari umusenzi, na Kayini nyene ni ko yari umusenzi. Kayini yarubatse igicaniro, aratanga ikimazi, arasenga Imana, yabikoranye umutima wiwe wose nk'uko uyo wundi yabikoze. Ariko, murabona, ntiyari afise impishuro y'ico Ijambo ryari riri. Yiyumviriye ko amapome ari yo Adamu na Eva bariye canke icamwa kinaka. Maze Kayini . . . Abeli, biciye ku guhishurirwa, yaramenye ko ivyo bitari vyo; yari amaraso yabasohoye, aca atanga umwagazi w'intama. Maze Imana Iremeza ko ishikanwa ryiwe ari ryiza. Nuko agira ishari anagerageza kwica murumunawe. Kandi nk'uko yiciye murumunawe kuri ca gicaniro nyene ikimazi ciwe capfirako, uwo mwagazi w'intama wapfiriye kuri nya gicaniro, ni ko Yuda Isikariyota yahemukiye Yesu ku gicaniro c'Imana, aca amwica neza na neza nk'uko Kayini yishe Abeli. Kuko, Kayini yari ya mbuto y'umwaryana.

62 Uko ni ko Balamu yari, wa muvugishwa w'umucangero, umuntu yategerezwa kuba azi ibirengeye ivyo. Kandi Imana Yaramugabishije biciye mu bimenyetso n'utwumiza kugeza n'aho indogoba ivuga mu ndimi zitamenyekana, ariko aguma agagaje yibandaniriza kwa kundi nyene. Yari yavukiye kuba u—umubivyi w'umwaryana.

63 Kandi nimba Yesu yarabuye ko kino gihe cohereje mu mwaryana uhambaye cane kurusha ibindi vyigeze kubaho, Igihe c'ishengero rya Lawodikiya, akazuyazi, ryaMutaye hanze y'ishengero, ni gute coba ikindi kintu kindi atari iki: Umwaryana! Ata nkeka, ni wo. Uhereza muri ico gihe.

Yari Kayini na Abeli ubugira kandi i Karuvariyo.

64 Rero nimwihweze, nk'uko vyamye, Yesu Akimara kugenda, Aja mw'ijuru, Mpwemu Yera Yaciye Arungikwa. Iyo yari ya Mbuto, Uwuha Ijambo Ubugingo, nk'uko twavuze ejo ku mugoroba. Ni We Agira Ijambo rizima. *Kugira kizima* bisigura "guha Ubugingo." Mpwemu Yera w'ukuri Aha Ubugingo Ijambo ryonyene ari Ryo ari. Ntazoha Ubugingo za nemera, Ntashobora, kuko ntaco Asana na nemera. We ni We Bugingo bw'Ijambo ry'Imana, kuko We ari Imana. Murabona? Kandi Agira uwo Mubiri muzima.

65 Rero nimwihweze, nk'uko bakoze. Rero, Bibiliya na yo yavuze, kandi—kandi Yohana yabwiye abana biwe avuga ati: "Bana bato, mwarumvise ivya anti-Kristo yategerezwa kuza mw'isi," avuga ati, "akaba aza ari mw'isi, ariko akorera mu bana b'intabarirwa." Rero, aho hari nk'imyaka mirongo itatu inyuma y'ukuza kwa Mpwemu Yera. Turabona yuko, igihe Mpwemu Yera Yaza, rwa Rubuto nyakuri, umwe Mutanga-Bugingo nyakuri wa rwa Rubuto, ni ho rero uwo mwaryana waca wongera kwinjira. Kandi rero murabe, warabandanije. Wara . . .

66 Ijambo nyakuri ryari ryaremejwe, abavugishwa ba kera bari baremeje Ijambo ry'Imana ko ari Ukuri igihe basezera isi. Nihaba hari umuntu yigeze gusoma ivya ya *Nama Nkuru y'i Nikeya*, canke ya *Nama Nkuru y'Imbere ya Nikeya,* ya minsi cumi n'itanu ya politike yo gusesa amaraso, igihe uwo mugwi w'Abaroma hariya washaka kwinjiza no guhindura idini iryo shengero. Abavugishwa barinjiye bambaye insato z'intama, barya inyabutongo, bararwanira iryo Jambo! Ariko vyakoze iki? Vyategerezwa kuba nka Kayini, vyategerezwa kuba nka Abeli, umwe yategerezwa gupfa. Ata nkeka, yategerezwa gupfa. Ijambo ryaciye ritakaza akosho karyo mu bantu, bose baca baranka Ijambo ry'ukuri, bifatira imitegekere y'umwaryana wa rya shengero Gatorika rya mbere. Bongerako umupapa, bongerako umusenyeri, bongerako *ibi*, *birya*, n'*ibindi*. Barakuyeho insobanuro nyakuri ya Petero, n'iya—ya—ya Mariya, n'i—n'ibindi vyose bisigaye; hanyuma bakora ibigirwamana, ntibakora ikindi atari gusa ibirori vy'igipagani bivuye mu co bise idini rya Rukristo. Vyari ibiki? Imbuto y'umwaryana! Baca baratunganya, batunganya ishengero ubwa mbere kw'isi. Vyari ibiki? Iyo mbuto y'umwaryana yatanguye kubibwa, ikintu kinaka congerwako, gikurwako.

67 Ni nde yigeze yumva, muri Bibiliya, ivyo kutarya inyama ku wa Gatanu? Ni nde yigeze yumva, muri Bibiliya, ivyo kumijira

utuzi aho kubatiza, kwibiza? Ni nde yigeze yumva ivyo bintu, “Mwaramutse Mariya” canke ibindi nk’ivyo? Ni nde yigeze yumva ubwo bupfu bubi bw’Abaporoti, na bo nyene? Inkono ntiyotwenga umubehe ngo ufise umuvyiro. Vy’ukuri! Neza, uwagirwa na rito kuruta ayandi yose aba yagirwa na yose! Ni nde yigeze yumwa Imana Ikorera mw’idini? Nyereka igihe na kimwe aho rimwe ryigeze ryitunganya hanyuma rikaguma ari rizima. Baciye bapfa ubwo nyene, kandi ntibigeze basubira kuvyuka! Harageze yuko hagira ikintu kiba, harageze yuko Imana Ikora. Ryarishe akosho mu bantu.

68 Ni co nyene cakozwe uyu munsi. Bica akosho, bavuga bati: “Oo, uwo murwi w’aberanda bikumbagaza, nta na kimwe bafise.” None, erega, ni umwaryana! Hura n’Ijambo imbonankubone uheze ubone ico ari Co, ubone nimba Imana Isobanura Ijambo ryaYo Bwite. Imana Irashobora guhagurutsa mw’aya mabuye abana ba Aburahamu. Amen.

69 Ijambo Ryaremejwe mu buryo bushitse n’abo Bakristo ba mbere, ingene Imana Yabakijije ibintu vyose, n’indwara, kandi bari bafise abavugishwa, baravuga mu ndimi, bagasobanura, bakanatanga ubutumwa bwemejwe ko ari ukuri neza na neza igihe cose. Ariko imbere y’iryo Jambo ryose ryemejwe, abantu baraRyanse, bihitiramwo idini. Ni ryo nyina w’amadini yose.

70 Zompi zireze neza ubu. Zatanguye kwongera kuzana imbuto. Rwarapfuye, ariko rwongeye kumera mu minsi ya Luther, nk’uko tubizi muri bwa butumwa buheruka ng’aha muri ca gitondo c’akavunamusase. Rwameze mu gihe ca Luther. None baciye bakora iki? Ubwo nyene uwo muntu ahambaye amaze gupfa, baciye bagira idini.

71 Rwarameze. Ruca rurasubira mu minsi ya John Wesley, igihe aba Angilikane, na bimwe vy’umutekano w’ibihe bidashira vyabo vyose n’ibindi vyose vyari vyacihambiriyeko kugeza aho vyari hafi gukwira hose, none ni iki cabaye? Imana Yahagurukije umugabo yitwa John Wesley, aca ahomvagura ivyo bintu vyose. Ubwo nyene akimaze gupfa, we na Asbury n’abo bandi, habaye iki? Baciye bitunganiriza amadini, none ubu dufise ubwoko bwose bw’Abametodiste. Hanyuma haza umwe canke uwundi, Alexander Campbell, John Smith, n’abandi.

72 Amaherezo, haserutse Pentekoti, ivuye muri ivyo vyose. Ni igiki caciye kiba none? Barasiganwe neza, none ni igiki cabazibiye? Mwaciye mwisubirira ubudakebuka muri vya vyondo nyene mwavuyemwo, musubira muri bimwe mwadahwa nyene, musubira mu mwaryana no kugira amadini, vyabasavye gutezuka kw’Ijambo. Kandi igihe cose Imana yaba irungitse ikintu gishasha, ntimwashobora kucakira. Ni vyo! Umwaryana kandi! Kandi, nimurabe, nk’uko navuze ejo bundi, ako gashishwa gato ka mbere kavuye kuri uwo muzi, karakuze kaba amababi hanyuma kaba umuyange, hanyuma gasubira

kuba agatumbatumba, hanyuma karaseruka. Aka gashishwa nk'urugano kagomba gusa n'urutete nyezina, duca twiyumvira ko rwari rwo, ariko ukuguruye, nta rutete ruba rurimwo na mba. Ni agafasha urutete gusa ngo rukuriremwo, na ko nyene karapfa, ubuzima na bwo bukagasohokamwo ubutarariye bukaja mu rutete. Nimurabe, rero ivyo bita amashengero ivyo yabivye. . .

73 Uyu munsi turabona yuko ivyo twita amashengero, mbere n'Abapentekoti bacu, twarasohotse, ntitwari dushoboye guhazwa, vyadusavye kugira imirwi yacu bwite. Haraje ibintu vyose, twategerezwa kugira *iki*, twategerezwa kugira na *kino*, twategerezwa kugira uwundi murwi. Umuntu umwe agahaguruka, akavuga ati: "Azoza ari ku gicu cera." Uwundi akavuga ati: "Uh-huh, Azoza kw'ifarasi yera." "Aho, duca tugira imirwi ibiri." Murabona ivyo ari vyo? Kubiba umwaryana! Aho Azozira, uko biri kwose, Azokwisobanurira Ijambo ryiWe bwite niYaza. Reka turindire kugera ico gihe. Fata i. . .Tuvuze kuri ivyo, ntunaronka n'Ubutumwa bw'Igihe. Guhanga amaso iminsi yose ku vy'Imana Igiye gukora, canke ivyo Yakoze, ukayoberwa ivyo Iriko Irakora. Ubwo ni bwo buryo turonka imyaryana muri vyo.

74 Rero turabona yuko uyu munsi amashengero yacu, amashengero yacu yose—yose yabivye umuyaga, none ariko yimbura igihuhusi. Nta n'ibikorane vy'amasengesho dufise, nta bikorane nk'ivyo twahorana. Hari ikibazo nyabaki? Twarugururiye imiryango ibintu vyose. Nimurabe, n'ayo mashengero yacu y'Igipentekoti, yuzuyemwo abagore bamoye imishatsi yabo. Ivyo ntivyahora birekuwe. Mu maso haravye amarangi, gusiga amarangi ku nzara, ubwoko bwose bw'ibintu vy'urudubi; ugasanga umugabo hano n'i. . .nka ba Ricky n'ibindi; barongoye gatatu canke kane, bakaba ari abadiyakoni; oo, mbega umwaryana! Birashisha! Ivyo babikora bate? Imana ntiyovyemera mw'Ishengero ryaYo, bategerezwa kuja mw'idini kubigirirayo. Umuntu kanaka afise ubwoba bwo kugira ico abivuzeko, kuko boca birukanwa mw'idini. Mana, nUduhe abantu badafatanye n'ikindi kintu na kimwe atari Imana n'Ijambo ryaYo, bazovuga Ukuri kuri vyo. Ico ni co dukeneye neza na neza. Twakoze iki? Twabivye umwaryana. Twabivye umuyaga, none ubu turiko turimbura igihuhusi.

75 Nimubone yuko baríko baratororokanirizwa hamwe ubu ngo baturirwe. Mbega mwabibonye, Yesu yavuze ati: "Icambere, nimurutororokanye, muruhambire imikama, hanyuma mushire iyo mikama yose mu kirundo kimwe, mpeze Ndaruturire." Hariho agakama kitwa Metodiste, Batista, Peresibiteriyano, Luteriyano, bose bakoranira hamwe muri ya Nama Mpuzamashengero y'Isi yose. Ni ibiki? "Mubanze murutororokanye!" Haleluya! Mwabibonye? Abanza gutororokanya urwamfu, akarukura mu buro, akabitandukanya:

"Murutororokanirize hamwe muruturire." Bazoturirwa bose n'imanza z'Imana, kubwo kuba barabivye umwaryana mu bantu, ibintu ba. . .Bafise ishusho yo kwubaha Imana, ariko bahakana ubushobozi bwakwo, bahakana Ijambo, bakifatira gusa imigirwa kanaka y'idini, y'imitegekere kanaka umuntu umwe yinjijemwo, agerageza kubishira mw'Ijambo ry'Imana. Ntibikunda. Ni umwaryana.

76 Ndasemerera uyu munsi, nk'uko vyari biri, kuri wa muvugishwa ahambaye w'aho hambere, Amosi, igihe yamanuka muri ca gisagara, akavuga ati: "Jewe si ndi umuvugishwa, canke ngo mbe n'umwana w'umuvugishwa. Ariko intambwe yivuze, ni nde atotinya?" Yavuze ati: "Imana Ivuze, ni nde atovugishwa?" Yarabuye gucirwako iteka k'urwo runganwe, avuga ati: "Iyo Mana nyene muvuga ko mukorera ni Yo Izobarandura."

77 Nimubike ibi, biri kuri bande, kandi mwibuke. Iyo Mana nyene mu. . .Abo bantu rero bariko begerenya uwo mwimbu wose munini uhambaye w'I—w'Inama Mpuzamashengero y'Isi yose, kandi muzotegerezwa kuyijamwo. Ntimushoboye kuguma hanze yayo. Mwo kimwe muzoyisohokamwo umwumwe ku gatwe kiwe, canke na ho muyinjiremwo. Nta ruhagararo rwo hagati na hagati ruzobaho. Kizoba ari ca kimenyetso ca ca gikoko. Nta washobora kugura canke ngo agurishe, atari uwufise ico kimenyetso, canke afise wa mwaryana. Rero, nimugume hanze yavyo! Nimubisohokemwo! Nimubihunge! Nimubije kure! Ya Mana nyene bavuga ko bariko barakorera ni Yo Izobarandura. Ya mana Ihambaye y'urukundo ntIzo. . .

Bavuga bati: "Erega, Yesu Yasenze ngo twese tube umwe."

78 Kandi vyongeye Yavuze Ati: "Mbega mwofatanya urugendo gute, abantu babiri bofatanya urugendo bate, bataraganye?" Yavuze Ati: "umwe," nk'uko We na Data ari Umwe. Kandi Data yari Ijambo, yari Ijambo ryagaragajwe. Yari "Umwe" na Data, kuko Yari igaragazwa ry'Ijambo ry'Imana ryasezeranywe. Kandi uko ni ko biri n'uyu munsi, canke igihe kindi cose. Ego, mushingantahe. Iyo Mana ni Imwe. Ishaka ko natwe tuba umwe.

79 Vyoshoboka gute ko *aba* baba umwe, *uyu* ahakana ukuvuka biciye ku nkumi, *uyu* nawe ntabihakane, agahakana ugukiza indwara kw'Imana, n'*uyu*, *urya*, bose hamwe mu rudubi nk'urwo? Bamwe muri bo ntibanizera Imana, ntibizera ko Yari Umwana w'Imana; bizera ko Yari umwana wa Yosefu, *Yiswe* Umwana w'Imana. Vy'ukuri. Ihasa rivukana n'Abaluteriyano, aba Zwingili, ni vyo bizera, yuko Yari Umuntu mwiza vyonyene gusa. Rya dini ry'Ubumenyi Gikristo ryavuze ko We Yari umuvugishwa, umuntu asanzwe gusa, ko Atari Imana. Erega, nimba atari Imana, yoba ari We mubeshi w'agahebuza mu bo isi yigeze kumenya. Yari Imana, atari uko na ho nta co Yari ari. Yari Imana! Yari Ubumana We nyene ubwiWe bwihaye umubiri

hagati yacu, mu muperesona w'Umwana w'Imana. Ata nkeka, ico ni co Yari.

80 Rero turabona ko umwaryana winjiye. Turazi ko uri hano, nta n'umwe yobihakana. Oo, bagenzi! Nimurabe gusa. Izorandura uwo murwi uvuga ko bariko bakorera Imana. Nimuvyitegereze.

81 Imana yarateragiye Urubuto rwaYo. Ndiko ndarangiza, kuko hageze gutangura umurongo w'abasengerwa. Imana Yarateragiye Urubuto rwaYo, kandi Urubuto rwaYo ni Kristo. Ngiye kuzovyigishako mu minsi mikeya, aho Imana Yahisemwo gushira Izina ryaYo, Umwami niYabigomba, kumbure mu gihe ca kamwe mu tuvunamusase aho mba mfise akandi kanya kiyongereye. Nimurabe, ni We Nzira yonyene yo guhunga. Ni we Mutware wenyene w'ukuri. Ni We Mana yonyene y'ukuri, nta yindi iri hampande yiWe. Yavuze Ati: "Ndi Imana, Imana imwe rudende." Yesu Yavuze Ati: "Iri ni ryo bwirizwa: Ewe Isirayeli niwumve, ndi Uhoraho Imana yawe, Imana imwe nsa. Ndi Yo. Kubera iki murondera iyindi? Uwundi azoza... Jewe naje mw'Izina rya Data, ariko ntimwaNyakiriye. Ariko uwundi niyaza mw'izina ryiwe bwite, we muzomwakira." Kandi barabikoze i Nikeya.

"Mbega uri Umukristo?"

"Ndi Umubatista."

"Mbega uri Umukristo?"

"Ndi Umupentekote."

"Mbega uri Umukristo?"

"Ndi Umumetodiste," irindi zina.

82 Ariko hageze kuri iryo Zina rya "Yesu Kristo," baRica kure uko bashoboye, nta na kimwe bashaka guhurirako na Ryo, kuko We ari Ijambo kandi Ijambo Rikaba Ryivugira Ryonyene. Nimurabe, Inzira yonyene yo guhunga! Ni we rya Shurwe ry'i Sharoni, Bibiliya Ivuga ko We ari ryo. Buri tazirano (muri Bibiliya) ry'Imana ni irya Yesu Kristo. Yari Alufa, yari Omega, Itanguriro n'Iherezo; Uwamyeho, Uwuriho, kandi Agira Aze; Igishitsi n'Umunago vya Dawidi, vyompi Igishitsi n'Umunago vya Dawidi; Ikinyenyeri co mu Gaturuturu, Ishurwe ry'i Sharoni, Ikirungu co mu Biyaya, Alufa, Omega, Data, Umwana, Mpwemu Yera, vyose muri Yesu Kristo! Yari ukugaragazwa kunengesereye kwa Yehova Imana Yihaye umubiri ngo Ibane natwe. Ico ni co Yari neza na neza.

83 Yari rya Shurwe ry'i Sharoni. Mbega iryo Shurwe ry'i Sharoni barigize bate? BaraRikamuye, baraRijanjagura, ngo baRikuremwo ibimota neza. Ishurwe ryiza ritegerezwa gukamurwa kugira ukure ibimota neza muri iryo shurwe. Kandi ubwo bwari Ubuzima bwiza, nta buzima bubaweho nk'Ubwo

bwari bwigere bubaho, ariko Bwategerezwa gukamurwa hariya i Karuvariyo.

84 Murabona, bafata, a—amavuta y'iryo Shurwe ry'i Sharoni bakayasuka kuri Aroni, yategerezwa kuba asizwe ayo kugira ngo aje imbere y'Uhoraho ahantu hera, mw'ihema ryera. Yategerezwa kuba asizwe amavuta y'iryo Shurwe ry'i Sharoni, kugira ngo aje kumija amaraso ya ntebe y'imbabazi. Kandi iryo sigwa ritegerezwa kuba kuri we, ibimota neza imbere y'Uhoraho, ajanye amaraso y'umwagazi w'intama imbere ziwe, amaze na we nyene kumijagirwa na wa mwagazi w'intama. Amakomamanga n'amayugi bikikije imyambaro yiwe, yategerezwa gutambuka ku ntambuko kanaka, biririmba biti: "Uwera, Uwera, Uwera ni Uhoraho."

85 Nimwihweze, We ni rya Shurwe ry'i Sharoni, ubwo Bumote bwiza, Isigwa ku bantu biWe. Ntushobora kuza imbere yiWe na nemera n'imwe, n'ikindi kintu na kimwe, kiretse usizwe amavuta y'iryo Shurwe ry'i Sharoni, Ijambo. Ni na We ca Kirungu co mu Biyaya.

86 Rero, mbega uronka ute opiyumu? Uronka opiyumu iyo ufashe Ikirungu co mu Biyaya ukagikamura, uca uronka opiyumu. Abaganga bayikoresha muri za nzu z'ubushakashatsi zabo. Fate umugabo w'umunyamwikomo abuze amahoro, canke umugore yumva umengo agira asare, ariko agendagenda akoma induru, imitsi yanangiriye, umuganga aca afata aka opiyumu gakeyi k'ikirungu agaca akamutera mu kuboko canke mu mutsi ahantu hanaka, canke kw'uyo mugabo, bagaca batekereza. Bica bihera mu kanya gato. Ariko iyo opiyumu ikimara guhera gusa, ngabo baca bagaruka, babaye babi kurusha uko bigeze kuba.

87 Ariko ndababarire, bagenzi, ico ni ikigereranyo gusa ca Opiyumu nyakuri iva muri ca Kirungu co mu Biyaya nzi. Ni We ca Kirungu co mu Biyaya. Yarakamuwe hariya i Karuvariyo. Yacumitiwe ivyacu bicumuro, imishishagu yiWe ni yo idukiza. Muri ivyo, ukwo gukamurwa kw'amashurwe, Yari Ishurwe. Yari We Shurwe rihambaye ryigeze kumera, Yari Ico Kirungu co mu Biyaya, n'iryo Shurwe rihambaye ry'i Sharoni. None Ariko Yenena ngaho uyu mugoroba, Amanitswe hagati y'Amajuru n'isi, ndavyizera, Yari Amanitswe ico gihe, nako, ngo—ngo Akureho icaha Yongere Agarukane ugukira kw'isi. Bibiliya na yo Ivuga ko uko Yari Ari ejo, n'uno munsi ariko Ari, kandi ariko Azokwama ibihe bidashira.

88 Mugenzi, igihe Imana Yabarira Mose, mu bugaragwa, kikaba cari i—ikigereranyo ciWe, ngo amanike inzoka y'umuringa. Umuringa na wo werekana icaha giciriweko iteka, iyo nzoka yerekana, *ya nzonka y'umuringa* yerekana "icaha camaze kucirwako iteka." Nk'uko *umuringa* ari "urubanza rw'Imana," nka ca gicaniro c'umuringa ahashirwa ibimazi. Na Eliya yararavye hejuru aca avuga ko ijuru ryasa n'umuringa,

urubanza rw'Imana kw'ihanga ry'abatizera ryari ryasubiye inyuma rikava ku Mana. Umuringa werekana urubanza, urubanza rw'Imana. Iyo nzoka na yo yerekana icaha camaze gucirwako iteka; Yesu naWe Akaba Yari iyo nzoka yagizwe icaha ku bwacu, Yishirako urubanza rw'Imana. Yacumitiwe ivyacu bicumuro, Yajanjaguriwe ivyacu bigabitanyo, igihano kituronkesha amahoro cabaye kuri We, kandi imishishagu yiWe ni yo idukiza.

89 Oo, Imana Irafise ububiko bwayo bwuzuye Opiyumu, kuri uno mugoroba, kubwanyu. Mugenzi Mukristo, urarwaye kandi urababaye. Oo, urarushe rwose, biragukomereye cane. Ntushoboye kubandanya uvyihanganiye, uzo—uzota umutwe muri kino gihe ca none tubayemwo.

90 Mbega mwumvise *Life Line* uno mugoroba, yuko ivyo bavuze yuko—yuko Uburusiya buvuga ko, mu 55, yuko "bazoshobora kugenzura isi yose neza"? Imbere yuko ivyo bishika, Izamurwa ritegerezwa kuza. None ryegereje bingana gute, ga mugenzi? Biri aha nyene biregereje cane.

91 Mbega ntiwoMurondeza umutima wawe wose kuri uno mugoroba? Ni We ca Kirungu co mu Biyaya, kandi ni Wa Wundi nyene, ejo hahise, uyu munsi n'ibihe vyose. Ari hano kuri uno mugoroba ngo Yishire hejuru mu bantu biwe, neza na neza nk'uko Mose yamanitse ca—ca kimenyetso c'icaha, caciriweko iteka. Kandi atari icaha gusa, ariko n'indwara na zo. Ni mwibuke, Yesu Yavuze Ati: "Nk'uko Mose yamanitse inzoka y'umuringa, ni ko n'Umwana w'Umuntu Ategerezwa kumanikwa." None Mose yayimanikiye iki? Kubera icaha, ukutizera, no kubera indwara. Yesu na We nyene Yaramanitswe, kubw'icaha, indwara, hamwe n'ukutizera. Yari ca kintu nyene.

92 Rero, kuri uno mugoroba, mu minsi y'aho dufise uyu mwaryana uhambaye, Yesu Kristo Yarasezeranye muri Luka, yuko mu minsi ya . . . imbere y'Ukuza kw'Umwami, vyobaye nk'uko vyari biri mu minsi y'i Sodomu, n'igihe Umwana w'Umuntu Yokwihishuye, nk'uko Umwana w'Umuntu Yihishuriye Aburahamu hariya; Elohimu, Imana, Yihaye umubiri hagati y'abantu, Akagumana na Aburahamu Akamwereka, Akamubwira ivyo Sara yariko ariyumvira (yicaye inyuma yiWe) mw'ihema, Atari bwigere Amubona. Yamubwiye ivyo ya . . . Amuhamagara mw'izina ryiwe, "Sara." "Aburahamu," atari rya—rya zina ryiwe Aburamu, rimwe yatangurana, ariko Aburahamu. Atari Sarayi, S-a-r-a-y-i; ariko S-a-r-a, "Sara umugore wawe, ari hehe?"

Avuga ati, "Ari mw'ihema inyuma yaWe."

93 Aramubwira Ati: "Nzokugendera mu gihe c'ubuzima." Aca aratwenga. Avuga Ati: "Ni igiki gitumye atwenga?"

94 Rero, Yesu Yavuze Ati: "Imbere nyene yuko uwo mwaryana uhambaye wegeranirizwa hamwe ugaturirwa, yuko Umwana

w'Imana Azokwihishura muri ubwo buryo nyene nk'uko Yihishuye muri ico gihe." Kandi ico ni . . . Ni ibiki? Ni ishirwa hejuru, bushasha, imbere yanyu, yuko Yesu Kristo Uko Yari Ari ejo n'uno munsi niko Ari, n'ibihe vyose. Mbe muravyizera? Reka rero twunamike imitwe yacu kubw'isengesho.

95 Mana Mukundwa, turaGukunda. Ijambo ryawe ni Imfunguro ihagije ca—cane rwose kuri twebwe, Mwami. Turarikunda pe! Tubeshejweho na Ryo, Mwami. Biboneka yuko ubushobozi bwacu butigera buba ubuhagije. Turikundira gusa kwicara ku meza yaWe, dukoraniye kw'Ijambo ryaWe, no kunezerererwa imihezagiro, Mwami, iyo dukoraniye hamwe nk'uku, bene Data na bashiki bacu bacungujwe Amaraso y'Umwana w'Imana, baguzwe Amaraso yaWe. None tuje hano kuri uno mugoroba, Mwami, twahariye ano majoro ugusengera abarwaye. Kandi twisunze Ivyanditswe, Wavuze yuko "kubwa ya mishishagu twakize." Ntibikenewe rero gusenga (twature gusa ivyaha vyacu), kuko kubw'imishishagu yiWe twara (muri kahise)-kize. Oo, mbega umunsi w'agakiza! Mbega i—mbega isezerano rya Imanweli! Uko ni Ukuri ntabanduka.

96 Wavuze uti: "Hasigaye igihe gito ab'isi ntibabe bakimbona, ariko mweho muzoMbona, kuko Jewe" (insigarirazina muvugwa "Jewe") "nzobana namwe, mbere no muri mwebwe, gushitsa ku muhero w'isi." Kandi kw'iherezo ry'igihe, iryo herezo rya vyose rihambaye, Wavuze ko, imbere yuko rishika, bizoba bimeze nyene nk'imbere yuko umuriro utibuka i Sodomu ukayigiza isi y'Abanyamahanga, yuko hokongeye kuza ukwihishura kwa wa Mwana w'Umuntu neza na neza nk'uko vyabaye i Sodomu. Data, ese abantu bitobacika.

97 Kandi ndasenze, Mana nk'umuntu muto ataco ari, (nimba navuze nabi, mumbabarire), ariko agerageza gushitura. Ndabakunda, Mwami. Nda—ndasavye ko bitobacika. Reka uyu ube umwe muri ya migoroba ihambaye, Mwami. Ese umurwayi wese, uwubabajwe, impumyi, ico ari co cose hano, Mwami bokira kuri uno mugoroba. Ese buri munyavyaha wese yokizwa. Ubu rero mu mitima yabo, nimba ari abatizera, reka bemere Kristo muri kano kanya. Biduhe, Data. Vyose biri mu biganza vyawe. Turakwihereje, ngo tukubone Uza hagati yacu.

98 Kandi Wavuze, muri Yohana Mweranda 14:12 Uti: "Uwunyizera, ibikorwa Jewe nkora na we azobikora." Ukuntu tuzi ko Wimenyekanishije ku bantu, kuko Wari wa Muvugishwa Mose yari yaravuze ko Yohagurutse. Bamaze imyaka amajana batagira abavugishwa, umwaryana wari hose, ariko n'aho vyari uko Ijambo ry'Imana Ryategerezwa gushika; rero Ijambo Ryahindutse umubiri, co kimwe na wa mwaryana nyene. Kandi, Data, turabibona n'uyu munsi, wa mwaryana ucika umuganda munini cane; tukanabona n'Ijambo riza muri ubwo buryo nyene. Duhezagire kuri uno mugoroba, Data. Turakwihereje, hamwe

n'Ijambo ryaWe. Ico Ukeneye ko dukora cose, kidukoreshe, Mwami. Mw'Izina rya Yesu. Amen.

99 [Mushikiwacu umwe avuze mu rundi rurimi. Ahantu ata kiriko kuri bande—Umw.] Ntituzi ico Yavuze. Ashobora kuba hari ico Ashaka kutubwira, kubw'ivyo nimwubahe gusa akanya gato. [Ahantu ata kiriko kuri bande. Mwene Data umwe aciye atanga insobanuro.]

100 Amen. Mwarigeze musoma...? [Ahantu ata kiriko kuri bande—Umw.]...Ivyanditswe aho umwansi yariko araza, bose bari bakoraniye hamwe, hanyuma baka...umwansi zari ingabo nyinshi. Hanyuma Mpwemu w'Imana Aza ku muntu akabushungwe, Aramubwira, aca aravugishwa, avuga aho kuja kubibundira, babona gutikiza umwansi wabo. Ng'ivyo biragarutse kandi. Ng'aho ahantu ho gutikiriza umwansi, murabona, fate ukuboko kw'Imana. Ukuboko kw'Imana ni Kristo, ata nkeka, Ijambo, kubw'ivyo nimuGufate mu mitima yanyu kuri uno mugoroba mu gihe turiko tugira umurongo w'amasengesho.

101 Ndibaza...Mbega Billy yatanze amakarata y'abasengerwa uno munsi? B, aba B, reka dufate B, mirongo umunani na zitanu. Ejo ku mugoroba, twafashe cumi na batanu ku mugoroba uheze. Mu bisanzwe tugerageza gufata nka cumi na batanu buri joro. Rero nimufate amakarata yanyu, tuyajeko rero, ubu. Reka tugerageze nka cumi na zitanu. Mirongo umunani na gatanu. B, nka Branham, murabizi. B, mirongo umunani na gatanu gushika kw'ijana. Hanyuma tu...Reka turabe, ni nde afise B, mirongo umunani na gatanu? Duza ukuboko kwawe. Ni vyo...Oo, hariya inyuma, ni neza, mirongo umunani na gatanu ngwino hano.

102 Rero, umuhungu wanje...Kubw'ivyo birashoboka ko hoba hariho abashitsi hano, bakaba batazi ingene ibi vyakozwe. Umuhungu wanje araza hano, canke umuntu kanaka; iyo adashoboye kuza, Mwene Data Borders, canke uwundi muntu. Umuntu umwe araza, agafata aya makarata, ijana, ahagaze imbere y'abantu agaca Azicangacanganya. Kubw'ivyo rero araguha ikarata, ntashobora kukubwira ko uza kuduga aha imbere, ivyo nta vyo aba azi. Na jewe nyene nta vyo mba nzi. Nca nza ku mugoroba, ngahamagara gusa nka cumi canke cumi na zitanu, ahantu hamwe ng'aho, muri izo karata. Ivyo nta co bisa bisana n'ugukira indwara kwanyu. Murashobora kwiyicarira ng'aho. Nimurabe, ku mugoroba uheruka, ni bangahe bari ngaha ku mugoroba uheze? Reka turabe amaboko yanyu. Ukuntu abantu bakize gusa hose mu gikorane!

103 Rero, iyo yari mirongo umunani na gatanu, mirongo umunani na gatandatu, mirongo umunani n'indwi, mirongo umunani n'umunani, mirongo umunani n'icenda, mirongo icenda. Abo ni baze ubu nyene. B, mirongo umunani na gatanu, mirongo umunani na gatandatu, mirongo umunani n'indwi, mirongo

umunani n'umunani, mirongo umunani n'icenda, mirongo icenda. Uyu yari kuba umwe. . .Ego cane, dukeneye. . .Nimba umuntu kanaka a. . .Ng'uyu uwundi, egome, bica bimera neza. Mirongo icenda, mirongo icenda kugeza kw'ijana ubu naho. Mirongo icenda, mirongo icenda na rimwe, mirongo icenda na kabiri, mirongo icenda na gatatu, mirongo icenda na kane, mirongo icenda na na gatanu, mirongo icenda na gatandatu, mirongo icenda n'indwi, mirongo icenda n'umunani, n'icenda.

104 Nimba mudashoboye kwegereza, nimba uri. . .Ndabona turafise bakeya, intebe z'abamugaye hano nkeya, zitatu, zine, ndibaza, Ni zo mbona. Nimba ufise ikarata y'amasengesho, ikaba—ikaba ari inomero yawe ihamagawe, ukaba udashobora kwegereza, ca ukiriza ukuboko kwawe, turagusunika gushika hano.

105 Nimba ata karata y'amasengesho ufise na ho, guma wicaye aha gusa usenge, uvuge uti: "Mwami Yesu, re—re—reka abe jewe kuri uno mugoroba." Ni bangahe batagira ikarata y'amasengesho, nimukirize amaboko yanyu. Oo, bagenzi! Ni neza, ubu reka gusa tuvuge iki, ndizigira ko bitumvikana nko kurogota. Ariko hariho umugore umwe muto igihe kimwe atari afise ikarata y'amasengesho, ni ko twobivuga. Yagiye abandana mw'igugu ry'abantu, avuga ati, (mwumve neza): "Hamwe noshobora gukora ku mpuzu z'uwo Muntu, noca nkira." Ni bangahe bazi iyo nkuru? Ni vyiza. None yakoze iki? YaraMukozeko, aca aragenda ariyicarira. Hanyuma Yesu Areraguza, Yari Azi aho yari ari. Si vyo none? Yari azi ingorane yari afise. Mbega uko ni ukuri? Yari Azi ingorane yari afise, kubw'ivyo aca amubwira ingorane yari afise. Aca yumva mu mubiri wiwe yuko ya ndwara yo kuva amaraso ihagaze. Si vyo? Kubera iki? Yari yaMukozeko.

106 None, ni Abakristo bangahe hano kuri uno mugoroba bazi, twisunze Abaheburayo, Igitabu c'Abaheburayo, yuko Yesu kano kanya nyene ari Umuherezi Mukuru, Umuherezi Mukuru Ashobora gukorwako n'ubumuga bwacu? Si vyo? Ni neza, nimba Ari wa Muherezi Mukuru nyene, ca gikorwa nyene, Umuherezi Mukuru, none Yohejeje Agakora Ate? Yokoze neza na neza co kimwe nka kumwe Yakora kiriya gihe. Mbega ivyo muravyizera? Yokoze neza na neza nk'uko Yakoze kiriya gihe, nimba ivyo mushoboye kuvyizera. Neza cane. Ni bangahe bavyizera ivyo, duza ukuboko kwawe, uvuge uti: "Vy'ukuri ndavyizeye"?

107 Neza, imbere yuko bagira umurongo w'abasengerwa, reka tugire umurongo w'abasengerwa ng'aho nyene muri. Ndazi ko ari hano. Ndu—ndu—ndumva Ukubaho kwiWe, kandi nda—ndazi yuko Ari hano. Nimuze. Umurongo w'amasengesho uriteguye? Nagira mpamagare hariya. Nimu—nimusenge gusa, raba ino gusa musenge, mwizere gusa.

108 Umupfasoni muto yicaye ampanze amaso, yicaye i ruhande

y'umupfasoni yambaye amarori. Mbega ntimushobora kubona Ico kiri hejuru y'uwo mugore? Rabe hano. Murabona? Arwaye indwara y'umutima. Urizera ko Imana Igukiza? Nimba uvyizeye, nukirize ukuboko kwawe. Iyo ni yo yari ingorane yawe. Ni vyo. Rero nimba iyo yari yo ngorane yawe, kiriza ukuboko kwawe kugira ngo abantu babibone, kiriza ukuboko kwawe nk'*uku*. Uhereye ubu, ntukiyifise ukundi. Ukwizera kwawe kuragukijije.

109 Uko Yari ari ejo, niko Ari n'uno munsi, n'ibihe bidashira. Oo, hariho umwaryana; ariko Yesu Kristo Ni wa wundi nyene, ejo hahise, uyu munsi n'ibihe vyose. Mbega ibi. . . Rero nimubandanye musenga gusa, murabona, ntibisaba ko urinda kuba hano hejuru, ni kugira ngo mubimenye.

110 Ubu naho, ng'uyu umupfasoni. Ku vyo nzi jewe, sindigera ndamubona kuva mbaho, ni umugore ahagaze hano gusa, kandi afise ikarata y'amasengesho, kandi ntiwari uzi ko wari guhamagarwa canke utari guhamagarwa. Ni umuntu kanaka yaguhaye ikarata y'amasengesho gusa, none i—inomero yawe yahamagawe, n'uko rero uca uraduga hano. Mbega uko ni ukuri? Kandi nta buryo mfise bwo kumenya ico uri, uwo uri we, aho uva, ico ushaka, nta na kimwe ndabiziko. Ndi umugabo gusa, nawe uri umugore. Ni vyo. Ibisa n'ibi vyarabaye igihe kimwe muri Bibiliya, Yohana Mweranda, igice ca 4.

111 Ubu rero mwovuga muti: "Wakoze iki, ga Mwene Data Branham, ubu nyene, mu kanya gaheze?" Nashituye gusa ntanguza akantu gatoya, murabona. Jewe nta vyo nzi, urabona. We ni We Ategerezwa kubikora. Jewe ntavyo nzi. Urya wundi mugore na we hariya gute? Sinari bwigere mbona uwo mugore kuva mbaho. Sindamuzi na gato. Ndizera ko yari umugore. Ni nde wa muntu ahejeje gukira mu kanya ng'aho mw'ikoraniro? Mbega wo. . . Egome. Ntituzinanyi. Nimba uko ari ukuri, zungagiza ukuboko kwawe *gutya*. Murabona? Sinari bwigere mbona uwo mugore. Ariko yari yicaye harya, yizeye. Ubu, yakoze ku Kintu kimwe, si ko? Nta co vyari kumara kunkorako jewe.

112 Ariko ubu ntimushobora kubona yuko Bibiliya ari Ijambo ry'Imana koko? Ni Wa wundi nyene ejo hahise, uyu munsi n'ibihe bidashira. Ducika insago za Mpwemu Yera ari We Kristo. Murabona? Urwo ni rwo Rubuto nyakuri. Rero iyo uwo Mpwemu Yera w'ukuri Yinjiye muri rwa Rubuto nyakuri rw'Ijambo, atari. . . Ntafata igice caRyo gusa (kuko, umurwanizi akoresha Ivyo), utegerezwa kuRifata Ryose, murabona, buri Jambo ryose ryaRyo; kuko, We si Imana y'igice, ni Imana Inengesereye. Murabona? Kandi ivyo ni vyo bishika.

113 Ubu rero, ng'uyu umugore hano, sinari bwigere ndamubona. Yesu Yarahuye n'umugore nk'uyu igihe kimwe, kumbure si mu buryo bumwe, nta vyo nzi. Akaba Yari Yicaye kw'iriba. Ya—Yari akeneye kumanuka i Samariya. Kandi tubona yuko, Samariya yari munsi y'umusozi. Kandi—kandi Yari Agiye i Yeriko, nako,

maze Aca i Samariya, Ashika mu gisagara c'i Sukara. Nuko Yicara kw'iriba, Aca arungika abigishwa biWe kugura ivyo kurya.

114 Mbega mw'isi hari amoko angahe y'abantu? Atatu. Abantu bo kwa Hamu, Shemu, na Yafeti. Twese tuva kuri Nowa. Abasigaye bose barahonejwe kiriya gihe. Ubwoko butatu gusa bw'abantu, ari bo Abayuda, Abanyamahanga n'Abasamariya (bakaba bari ikivange c'Abayuda n'Abanyamahanga). Ayo niyo moko gusa ari mw'isi, murabona, atatu gusa.

115 Ikintu cose mu Mana gitungana muri gatatu. Ni nka bimwe bitatu namye mvugako kuri uno mugoroba: intambwe zitatu z'umwaryana, intambwe zitatu z'Ijambo Ryihaye umubiri, n'ibindi. Murabona?

116 Rero, kandi We—We Yavuganye n'Abayuda, Yabwiye Filipo, igihe yazana Natanayeli, aho Yari Ari, Avuga Ati: "Namubonye aho yari ari munsi y'igiti." Yabwiye. . . Andereya yari yazanye Petero, Yavuze Ati: "Izina ryawe ni Simoni kandi uzokwitwa 'Petero' uhereye ubu." Yavuze Ati: "Uri mwene Yona." Murabona? Rero, abo bose bari Abayuda.

117 Ariko hano Agiye ku Munyamahangakazi. . . Si Umunyamahangakazi, ariko ni Umusamariyakazi.

118 Ubu na ho ni igihe c'Abanyamahanga. NtiYigeze Akora ico na rimwe ku Banyamahanga. Nimuserangure Ivyanditswe. Nta na rimwe. Ariko Yarasezeranye, muri Luka 22, yuko Yobikoze neza na neza imbere ya kwa Kuza.

119 Ariko Yari Yicaye hariya, haca haza imvange y'Umuyuda n'Umunyamahanga, umugore. Hanyuma Aramubarira ati: "Mugore, nuMpe utwo kunywa."

120 Aravuga ati: "Erega, ntiWategerezwa kubinsaba, mu vy'ukuri. Turi. . . Hariho ukunenana hano. Uri Umuyuda, nanje—nanje nkaba Umusamariyakazi."

121 Aramubwira ati: "Ariko iyaba wari uzi Uwo muriko muravugana, ni we wari kuNsaba amazi yo kunywa." Yariko Akora iki? Yariko arinjira mu mpwemu yiwe. Ubwo nyene Amaze gutora ingorane yiwe iyo ari yo, emwe, Yaciye amutuma kuja kuzana umugabo wiwe. Avuga ko ata we afise. Aravuga ati: "Uvuze ko, wari ufise batanu."

122 Ubu rero nimurabe, igihe Abafarisayo baMubona akora ivyo. Aho, uwo mwaryana ng'aho nyene mw'Ijambo, bavuze iki? Bavuze bati: "Uyu Muntu ni Beyezebuli, umuraguzi." Murabona?

123 Yesu na We Yavuze Ati: "Uwuzovuga ivyo kuri Mpwemu Yera igihe Azoba Aje gukora ivyo nyene, ntiyokwigeze abiharirwa." Ng'uwo wa mwaryana wanyu. Murabona? Ariko We Yavuze ko Azobaharira ico gihe, kuko Mpwemu Yera Atari bwaze; ca Kimazi, wa Mwagazi w'Intama ntiWari bwapfe.

124 Ariko uwo mugore we sivyo yiyumviriye. Uwo mugore yavuze ati: "Mugenzi, ndabona ko Uri umuntu avugishwa n'Imana." Bari bamaze imyaka amajana batagira umuvugishwa. Avuga ati: "Ndabona ko uri uwuvugishwa n'Imana. Rero, turazi ko Mesiya azoza, yitwa Kristo, uwo aho Azozira, ivyo ni vyo Azokora."

125 Emwe, nimba ivyo ari vyo Yakoze, rero Ni Wa Wundi nyene, ejo hahise, uyu munsi. Uko ni ko Yimenyekanishije ico gihe, mbega si co kimwe n'uno munsi? Ategerezwa! Rero, ng'uyu umugore n'umugabo bongeye guhura kandi. We si wa mugore, nanje si ndi wa Mugabo. Ariko n'ubwo biri uko umwe Mpwemu Yera nyene ari hano, Akaba Yaratanze isezerano yuko ibikorwa Yakoze, natwe tuzokora nk'ivyo nyene mu minsi y'aho Wa Mwana w'Umuntu Yohishuriwe.

126 Rero, sindakuzi (kandi ivyo urazi ko ari ukuri), ntituzinanyi na gato, kandi uhagaze hano. Hariho i. . . Kumbure ikitagenda neza kuri wewe, kumbure nta gihari, nta vyo nzi. Ariko Umwami Yesu niYampishurira, biciye kuri Mpwemu Yera WiWe, ingorane yawe iyo ari yo, uraza kwizera ko ari Umwana w'Imana, atari umuntu buntu? Iki ni igifuniko gusa, *uru* rusago urwo—urwo Imana Ikoresha, uwo Yahisemwo wese. Yo—Yo ivyo Ibikora kubw'ubuntu n'itoranya vyigenga. Rero, ariko urizeye. Uraza kuvyizera? [Uwo mushiki wacu avuze ati: "Amen."—Umw.]

127 Ni bangahe mw'ikoraniro baza kuvyizera? Ehe twempi duhagaze hano nyene imbere ya wa Muco, tukaba tutari bwigere duhura muri buno buzima, sinzi na gato uyu mugore uwo ari we, ico ari co, aho ava, ico ashaka. Sinari bwigere ndamubona mu buzima bwanje, nk'uko ntari bwanigere mbona urya mugore *hariya* mu buzima bwanje. Ariko, murabona, ng'iki ico ndiko ngerageza kubashikana gukora: nimukure uwo mwaryana muri mwebwe kano kanya, mwizere Ijambo mu gihe Ijambo Ryihaye umubiri aha nyene hagati yacu. IIjambo ribaye rizima mu mubiri wacu, ivyo vyerekana kwa Kubaho kw'Imana hano.

128 Ese Yomuha ico akeneye kano kanya. Akeneye ikintu kibereye. Nta mwana afise, ashaka akana. Afise nk'imyaka mirongo ine. Ico vy'ukuri si ikidashoboka.

129 Hariho abicaye aho ubu, abagore bari ingumba ubuzima bwabo bwose, baje ku gicaniro nka kuno, hanyuma Umwami Abaha abana. Bamwe muri mwebwe mubizi ng'aho nimukirize amaboko yanyu. Murabona? Murabona? Narateruye akigeme k'igikundiro ejo bundi, kuw'iyinga, maze kuva hano, kuw'iyinga ku muhingamo; ako nyina yari ingumba, Umwami Aravuga. Mbega ako kigeme, ako kana gato keza, kari hano? Kari he? Egome. Ng'aka, hano nyene, kicaye hano nyene hepfo. Nyina yicaye harya. Ng'aka nya kigeme, ubwako. Murakabona? Kari Ijambo Ryavuzwe rivuye ku Mana.

130 None rero, uraza kuMwizera n'umutima wawe wose? Urizera ko iyo mihezagiro ufise, iyo uriko urumva muri wewe kano kanya, ari Imana Iriko Irishura? Hamwe Imana Yombarira izina ryawe iryo ari ryo, kugira ngo ushobore guha izina uwo mwana, wokwizera? Rero, Mupfasoni Thompson, urashobora kwitahira i muhira wironkere akana kawe, niwavyizera n'umutima wose.

131 Urizeye n'umutima wawe wose? Gira ukwizera gusa, ntukekeranye, wizere Imana gusa. Imana ni Imana.

132 Amakuru maki, ga mushingantahe? Na wewe, ndibaza ko tutazinanyi. Igihe conyene nigeze kukubona mu buzima bwanje, ku vyo jewe nzi, ni igihe wariko uraza hano. Nanje nari nibajije ko uri sewabo wa Mwene Data Shakarian, canke nde . . . Mashagian, Mwene Data Mashagian, wa muririmvyi, igihe waza hano. Ni ho nakubona ugiye ku murongo w'abasengerwa. Ubu rero, ntituzinanyi, kandi, nako sindakuzi, kandi nawe ntunzi, mu buryo bwose. Ubu rero, Umwami Yesu niYambarira ikintu kinaka ico u—ico uri, kumbure ico urondera, reka tuvuge uko; Akabikubarira, Akambarira ico wipfuza. Ubu, Yamaze kukiguha. Ikintu kimwe gusa ni ukwizera guhagije kwo kuvyizera.

133 Ubu, ni bangahe batahura ivyo? Ukwizera guhagije gusa ko kwizera yuko uronse ico wasavye! Murabona?

134 Ubu, ubu, nimba uri hano ushaka ikintu kinaka, Akaba Ashoboye kumbarira icipfuzo cawe ico ari co, hanyuma ukaba uzi yuko jewe ntazi icipfuzo cawe, ubwo rero gitegerezwa kuba Ikintu kanaka hano kiriko kirabikora. Rero, twisunze Ijambo, Yarasezeranye kubikora. Yari Azi ivyiyumviro vyo mu mitima yabo. Mbega ukwo ni ukuri? Neza cane.

135 Wipfuza cane gukira indwara. Ikintu kimwe, urwaye indwara y'uruhagarara, uruhagarara koko. Ni vyo. Ikindi na co, urafise indwara y'umugongo, kandi uwo mugongo waragukomereye igihe kimwe, ku buryo wanabazwe. Ivyo ni NI KO UHORAHO AVUZE. Uko ni ukuri. Murabona. Ni vyo. Kandi ng'iki ikindi kintu, icipfuzo cawe gihambaye, ni uko ushaka kuronka umubatizo wa Mpwemu. Uko ni ukuri neza na neza. Ngwino hano.

136 Mana Mukundwa, mw'Izina rya Yesu Kristo, uyu mugabo ni yuzure Mpwemu Yera, imbere yuko ava hano hantu, mw'Izina rya Yesu. Amen.

Ubu nuMwakire, mwene Data. Ugire ukwizera gusa, ntukekeranye.

137 Amakuru maki? Ndibaza, aho jewe ngeza kumenya, ntituzinanyi. Nimba ivyo ari vyo, rero, kugira ngo abantu babimenye, kiriza gusa ukuboko kwawe kugira ngo babone ko tutazinanyi. Sinari bwigere ndamubona mu buzima bwanje, ku vyo nzi. Kandi ndibaza ko na we atari bwigere ambona, kiretse ari mw'ikoraniro. Kuko Data wo mw'Ijuru Arazi, kandi ng'iri

Ijambo ry'Imana hano imbere yanje, yuko ntari bwigere mbona uyu mugore, ku vyo jewe nzi, mu buzima bwanje. Kubw'ivyo, sinomenya igituma uri hano, nta ciyumviro mfise kuwo uri, ico, canke ikindi cose kikwega. Nta kintu na kimwe noshobora kukubarira.

138 Ikintu kimwe conyene, ni ingabire gusa. Hamwe nshoboye. . . Nk'uko mwanyumvise ndabisigura mu kanya gaheze. Nikura mu nzira gusa, nkumva ivyo Avuga; ivyo mbona, ndashobora kubivuga. Ico We Atavuze, sinshobora kukivuga. Nokwivugira ibiri muri jewe ubwanje, na vyo ntivyoba ari vyo. Murabona? Ntivyoba vyo. Ariko iyo We Abivuze, kuba ari ukuri ntabanduka. Ntibishobora na mba, ntivyigeze na mba kutaba vyo. Ntibizigera na mba kutaba vyo igihe cose Iba ari Imana. Murabona? Murabona, kubera Imana Ntishobora kwihenda.

139 Ariko nimba Imana Ishoboye kumbarira ico ushaka, icipfuzo cawe ico ari co, canke—canke igituma uri hano, ikintu wakoze, canke ikintu, ikintu nk'ico, canke uwo uri we, aho uva, canke ikindi cose Ishaka kumbarira, mbega wokwizera? Urakoze.

140 Ikintu kimwe, urafise indwara mu birenge. Ibirenge vyawe birakubabaza. Ni vyo, kiriza u. . . Ufise indwara y'abakenyezi, ingorane y'abakenyezi. Kandi urafise icipfuzo kidasanzwe mu mutima wawe, kuko hari umuntu watakaje canke ikintu kimwe. Ni umuhungu, umuhungu wawe yaravuye i muhira, aratoroka, kandi ushaka ko nosenga kugira ngo agaruke.

141 Mana Uri mw'Ijuru, mugarukanire umwana wiwe kandi akire. Reka Mpwemu Yera Ahagarike uyo musore mu nzira uyu mugoroba, amusubize kwa nyina wiwe. Mw'Izina rya Yesu. Amen.

142 We Amuzi Azomukugarukanira. Ntugire ikibazo. Niwizere ubu, ntukekeranye. Ugire ukwizera gusa n'umutima wawe wose. Wizere, Imana naYo Izotanga ibisigaye.

143 Ubu rero, ukwo kumenya ibinyegejwe gutatu canke kune, ico vyari biri cose, murabona, na—nabandanije kugeza aho ataco nkibona. Ivyo sinshoboye kubisigura, nta buryo bwo kubisigura buriho. Muvuga muti: "Ushaka kuvuga ko ivyo gusa vyari biruhije kurusha iminota mirongo ine n'itanu canke irenga wamaze uvuga ubutumwa, ni ko wiyumvira?" Ego me, mushingantahe. Naho yari kuba amasaha atatu, ntivyoshikira aho.

144 Umugore umwe yakoze ku mpuzu y'Umwami wacu Yesu. Kandi aba bantu ntibariko bakora kuri jewe. Erega, uyu mugore hano, nimurabe hano, yoshobora gusa. . . (Nshirako ibiganza vyawe. Murabona?) Yankozeko, nta na kimwe vyokora, ndi umuntu buntu. Ariko ategerezwa gukora kuri We. Nanje, biciye ku ngabire, gusa—gusa. . . iragenda gusa, jewe wese ndagenda, ngaca mvuga gusa ivyo mbona. Murabona? Ni ivyo nta bindi. Murabona, kunkorako ntaco bivuze, ariko akora kuri Yesu biciye

muri jewe. Ukwo ni ko wa mugore yakoze ku Mana biciye muri Yesu, mu gihe Atari Azi ingorane yiwe iyo yari yo. Yakoze ku mpuzu yiWe gusa, aca aragenda ariyicarira. Na We Aca Avuga— Aca Avuga Ati: “Ni nde aNkozeko?”

145 Maze intumwa ziraMubwira ziti: “Erega, abantu bose bariko baraGukorako. Kubera iki uvuga utyo?”

Aravuga Ati: “Ariko numvise inkomezi ziMvuyemwo.”

146 None, murazi ico ari co inkomezi? Inguvu. Yacitse intege Akozweko n’umugore umwe, kandi Yari Umwana w’Imana. None vyogenda gute kuri jewe nanje, umunyavyaha yakijijwe n’ubuntu bwiWe? Murazi igituma birenze? Ni kubera Yavuze Ati: “Ibi bintu Jewe nkora, namwe muzobikora. Muzokora n’ibiruta ibi, kuko Ngiye kwa Data.” “Ibirengeye,” ni ko havuga, ariko insobanuro nyakuri y’Ikigiriki ni, “N’ibiruta ibi muzobikora.”

147 None rero, uyo mugore nta we nzi. Nta na kimwe nzi kuri we. Ntanzi na gato nk’uko vyari bimeze kuri bamwe bandi. Ntituzinanyi. Kugira gusa ngo abantu babimenye, urashobora gukiriza ukuboko kwawe, uvuge uti: “Ntituzinanyi.” Rero Umwana w’Imana, namba igihe kimwe Yahuye n’umugore mu buryo busa n’ubu, kw’iriba, maze Akavugana na we akanya gato gusa, Agaca Amenya aho ingorane yiwe yari iri, Akamubwira ingorane yiwe iyo ari yo. Kubw’ivyo yaciye amenya biciye kuri ivyo, yuko uwo Yari Mesiya. Rero ko—ko na . . . Wankozeko, nagukozeko, nta na kimwe cabaye. Ariko hamwe ukwizera kwanje (biciye ku ngabire) n’ukwizera kwawe (biciye mu kuyizera) kwoshobora kumukorako, Agashobora kuvugira muri twebwe ku . . . muri jewe Akubwira, rero uca umenya yuko Ari hano nka kumwe Yari kuri rya—rya riba i Sukara. Murabona? Uko Yari Ari ejo, n’uyu munsi ni ko Ari, kandi ni ko Azokwama ibihe bidashira. Urizeye ivyo?

148 Ufise ingorane nyinshi cane, imibabaro myinshi cane, ibibazo vy’urusobane! Kimwe mu bintu nyamukuru ushaka gusengerwako ni amakonyera. Ni vyo. Si ko? Amakonyera aragukongataza. Iyo ubonye udugije ukuboko kwawe . . .

149 Kandi waje wiyandaza ukuntu, nimba nibuka neza. Kumbure hinge gato, kumbure ikindi kintu kinaka kirashobora kuvugwa gica gikuraho i . . . Canke, murazi, urumva ibintu; abantu, murazi, ni nk’impwemu ziba zije ziBirwanya. Bavuga bati: “ Erega Yabicacishije,” canke, murazi, ibintu nk’ivyo.

150 Ariko, usa nk’umuntu mwiza, vugana nanje akanya gato gusa. Reka duhagarare hano gato gusa, kuko ndibaza yuko hariho ikindi kintu kiri mu mutima wawe uriko urarondera ku Mana. Rero, jewe sinoshobora kwishura amasengesho yawe, ariko We Arashoboye ku- . . . Kubera, nimba uvyizeye, yamaze kwishurwa. Ariko nimba ugomba kwizera; kugira ngo wizere. Ubu, ndakubwire, ni ivyerekeye umukundwa umwe atari hano, akaba ari musazawe umwe, kandi uwo musazawe ntari no muri

iki gihugu. Ari mu gihugu gisa n'igifise amazi-mazi, ibiyaga vyinshi. Novuga nk'ikintu nko muri Michigan canke i . . . Egome, Michigan ni ho h'aho. Kandi arwaye indwara mbi yica, na yo ikaba ari indwara y'amafyigo idakira imucumukuje. Ukwo ni ukuri, si vyo? Ivyo ni NI KO UHORAHO AVUZE. Ubu rero, ico gitambara ufise mu minwe, wakirije ku Mana, nukirungikire uyo musaza wawe, maze umubwire ntakekeranye, ariko yizere, kandi kizoca, azoca akira rero niyizera.

151 Urizeye n'umutima wawe wose? Urabona rero, nimba wizeye, hariho ikintu kimwe conyene co gukora, ni ukuvyemera mu buryo ntabanduka. Si vyo?

152 Ubu rero muvuga muti: "Ariko arabaraba, abo bantu. Ni co ariko arakora, kubaraba." Ivyo turabibona cane!

153 Ariko hamwe ibi mwoba mutabizi . . . Uyu mupfasoni hano, ngwino hano kuri uru ruhande, mupfaso, hano, uwo arwaye, uwo uri we wese. Sindiko ndamuraba. Urizeye ko Imana Ishobora kumpishurira ingorane yawe? Kiriza ibiganza vyawe, nimba uvyizeye, uyu mupfasoni hano, uyu mupfasoni hano, arwaye. Egome. Egome. Neza cane, rero nimba ivyo uvyizeye n'umutima wawe wose, iyo ndwara ya asima ntizokwongera kugucumukuza ukundi. Neza cane, niwitahire i muhira kandi uvyizere. Ni wizera . . . ? . . .

154 NtiYamuravye, si vyo? Murabona, We . . . Uravye muri *uru* ruhande, iyerekwa riguma ari ho riri naho hoba iki. Amen! Mbega ntimushobora kubibona? Biratuganye nk'uko nyene Imana Ishoboye gutungana!

155 Urizeye, nawe? Nawe nyene asima irashobora kukuvako, si vyo? Urizeye ko ishobora kukuvako? Neza cane, genda ubwire Umwami Yesu yuko u—uMwizeye.

156 Umunsi umwe vyogusavye kugendera ku—ku kibando iyo ayo makonyera aza kukumugaza, ariko nta vyo azokora. Ntuzomugara, ntiwizera yuko azokumugaza, si ko? Wizeye yuko ugiye kumera neza? Niwigire, kandi Yesu Kristo Aragukijije.

157 Indwara y'umutima irica abantu, ariko si ngombwa wewe ngo ikwice. Urizeye ko Imana igiye kuwugukiza, Ikaguha amagara meza? Genda uvyizeye n'umutima wawe wose, uvuge uti: "Mu vyukuri ndavyizeye."

158 Uravuga icongereza? Urumva icongereza? (Umuntu umwe naze.) Egome, neza. Uraza kumubwira ivyo ndamubarira? Mubwire ko niyizera, iyo ngorane y'umushishito ica imuvako. A—aravyizera? N'iyo ngorane yawe y'umugongo irakuvako, nayo nyene, rero kano kanya urashoboye kwigira kandi ukire.

Amakuru maki? Urizeye?

159 Urya mugabo yicaye hariya afise ingorane y'umugongo, yariko arandaba igihe navuga ivyo. Arashobora gukira,

na we nyene, nimba uvyizeye, mushingantahe. Neza cane, mushingantahe.

160 Uwo mupfasoni yicaye aho nyene i ruhande yawe, ufise ingorane y'izosi, si vyo, ga mupfaso? Urizeye ko Imana igukiza? Nimba ushaka kurambika ibiganza kuri ako gahungu gato kubw'amavi yako, gaca gakira, nako nyene. Mbega uravyizeye? Wari ufise indwara z'abagore, indwara z'abapfasoni, ubu ntavyo ugifise. Ukwizera kwawe kwagukijije kandi kwaguhaye kumera neza.

161 Murizeye Yesu Kristo, Wa wundi nyene, ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose? Reka rero turambikaneko ibiganza duce dusenga iri sengesho ry'ukwizera, umwe wese muri twebwe, asenge isengesho ry'ukwizera.

162 Mana Mukundwa, mu gihe dutwikiririwe cane mu Nyonga z'Ubumana zawe, tuKubona Ugendagenda mw'ikoraniro, Ukiza abarwaye hose. Uri Imana. Ndasavye ngo Ukize rino koraniro ryose. Reka Impwemu z'Imana zishike gushasha mu mitima yabo, kandi reka bamenye ko igihe kiriko kirashira. Dusigaje akanya gato gusa hano, hanyuma tuzoca tuja kwibanira n'Uwo dukunda. Kandi reka kano kanya Ukuba hano kwiWe kuzanire ugukira indwara umwumwe wese.

163 Turaciriyekw'iteka Satani, turaciriyekw'iteka ibikorwa vyiwe vyose. Mw'Izina rya Yesu Kristo, Satani, va muri bano bantu.

164 Abagiye kuMwizera mwese kano kanya, no kwemera ugukira kwanyu, nimuhaguruke, muvuge muti: "Kano kanya ndahagurutse kugira ngo nemere ugukira kwanje. Ndavyizeye." Uko woba umerewe kwose, nimba uvyizeye koko, nuhaguruke. Ubu rero nimuduze ibiganza vyanyu, muvuge muti: "Urakoze, Mwami Yesu, kubwo kunkiza." Imana Ibane namwe. Amen

65-0118 Imbuto Y'Umwaryana
Ihoteri Westward Ho
Phoenix, Arizona Leta Zunze Ubumwe za Amerika

KIRUNDI

©2026 VGR, ALL RIGHTS RESERVED

VOICE OF GOD RECORDINGS
P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.
www.branham.org

## Itangazo rijanye n'Uburenganzira

Uburenganzira bwose burarinzwe. Iki gitabu kirashobora gusohorwa ku mashini yo muhira kugirango umuntu agikoreshe canke gitangwe, ku buntu, nk'igikoresho co gukwiragiza Ubutumwa Bwiza bwa Yesu Kristo. Iki gitabu ntigishobora kugurishwa, gusubirwamwo ku rugero runini, gushirwa ku rubuga, kubikwa mu buryo bwo kurondera amakuru, guhindurwa mu zindi ndimi, canke gukoreshwa mu gusaba amahera ata ruhusha rwanditse rwa Voice Of God Recordings®

Ushaka kumenya vyinshi canke ushaka kuronka ibindi bikoresho bihari, ushobora kwandikira:

VOICE OF GOD RECORDINGS

P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.

www.branham.org